# Kugerageza Gukorera Igikorwa Imana Atari Ubugombe Bw'Imana

Shreveport, Louisiana USA
27 Munyonyo 1965B

1 BeneData bakozi b'Imana, na mwebwe bagenzi muri ngaho, ndavuze ko ari ibakwe kubangaha muri kano gatondo. Ben'uku kwidondora nk'uku, emwe, sinzi ukuntu nzoshikaaho ndakubaho.

Ariko twicaye ngaho turiko turavugana, mweneData Nolan, sinizera ko noba narigeze guhura n'umuntu ameze neza na neza nkamwene Data Jack Moore, aha-aha, emwe, vy'ukuri yara…Mwene Data Nolan yarikoavuga ati : « Guhera ntanguye kubana na we ngaha… » (ni umukwewiwe), n'ukuntu yize kumukunda akubaha ubwenge bwiwe n'ibindi. Kandi ivyo,ndashobora kuvuga « amen » kur'ivyo. Ibintu vyiza vyinshi…ibihetwagiranye turi kumwe, jewe na we, na mwene Data Brown, mwene Data Boutliereari hano. Abantu beza b'Imana abo vy'ukuri nkunda n'umutima wanje wose.

Kandi rero nda—ndabonako twese tutakiri abakiri bato, emwe, ndibaza ku gihe rero kitwihweza turikoturahinduka guhera nko mu myaka mirongibiri iheze tujabuka ubugaragwa, n'ahandin'ahandi, turi kumwe turi abakiri bato. Ariko gusa turazi ko hariho Igihugu ahotutazokwigera dusaza. Tuzongera guhurirayo umunsi umwe.

2 Mw'ijoro riheze igihe nariko ndava kw'ihema,hariho umupfasoni akiri muto arambaraye hariya inyuma ku gatanda, aca avugaati : « Mwene Data Branham, mu myaka iheze… » Niyumvira ko yariyarakongataye. Yaravuze ati : « Wambwiye… » Ndibagiye ico uwomugore yavuze ico cari co mur'aka kanya, ikintu kanaka nk'iki, ndizera kontagisubiyemwo nabi. Yavuze ati : « Ko ubu bumuga nari mfise bwariubw'intumbero, » canke ikintu kanaka, ko yoronse umwana. Kandintiyashobora gutahura uko ivyo vyokoreka na we ari mur'iyo mero.

Ngaho hari hahagaze umugabo akiri mutoaboneka kari mwiza, aravuga ati : « Ndi wa mwana yaronka. »Aravuga ati : « Ndi wa mwana yaronka. »

Kandi ibintu vyinshi vyarashitse mur'ururugendo, nta n'umwanya dufise ngaha wo kubivuga ngo tubimare. Tuzobimarira kurundi ruhande.

3 Kandi uwu muce w'Abagwizatunga, sinegukiyekw'idini na rimwe, ndibaza nk'uko mwese mubizi, ariko nda…Uyu niwo mugwi umwegusa mfatanye nawo, uwo mfise ikarata y'umunywanyi, ni…Bava mu madini yose, niabagwizatunga gusa. Babaye abagaciro kanini kuri jewe no ku bwoko bw'igikorwac'ibango ico Umwami Data wacu yampaye. Ni…si neza na neza ko ntakunda ukwitunganya ;ni gusa igikorwa c'ibango nahawe, kandi hamwe ntoba umwizigirwa kur'uyomuhamagaro, aho rero noba ndi umutizigirwa ku Mana.

4 Kandi ndiko ndiyumvira, imbere gatoya yukomva muri Tucson, birashoboka ko benshi muri mwebwe bari hariya, umunsi umwenari, i Los Angeles mvugana n'uwo muce. Kandi hariho…Birashoboka ko nakankamiyeidini cane gatoya—gatoya. Si—sinashakakuba uko. Namba mushaka kuvuga ko nashaka kuba uko, aho rero noba ndi indyarya.Ntimutegerezwa gukora ivyo, oya, ukwo n'ukwikurako umuntu. Ariko navuze ku gitinabonye ku mbuga ya mwene Data Sharrit. Cari gifise hafi ubwoko butanubw'ivyamwa butandukanye kuri co. Nca ndavuga nti : « Sinari bwigerembona igiti kimeze nk'uku mu buzima bwanje. » Cari i…cari camyeamapamperemusi, cari camye indimu, cari camye imandarine, amatangelo,imicungwe, vyose vyakurira kur'ico giti kimwe. « Emwe, » ndavuganti : « Nda—ata nkekasindabitahura. Iki giti n'ubwoko ki ? »

« Niigiti c'umucungwe. »

Ncamvuga nti : « None, aya mapamperemusi ? »

Aravugaati : « Egome. »

Nda—ndavuganti : « Ibi bimeze gute ? »

Aravugaati : « Vyomekeweko. »

Ncamvuga nti : « Oo, ndabibonye. »

Aravuga ati : « Vyose nivyo mumuryango w'ibiti vy'ivyamwa, kandi buri giti co mu muryango w'ibiti vy'ivyamwakira…kirashobora kwomekerwako. »

Ndavuga nti : « Ndabitahuye. »Nca ntangura gusemerera bukebuke, murazi, kubera ndashishimutse kandi mfiseibishikashika.

Rero, aravuga ati : « Habayeiki ? »

5 Nca mvuga nti : « Erega narikondiyumvira ikintu kanaka. » Nca mvuga nti : « Ubu rero ngombakukubaza ikibazo. » Ndavuga nti : « Rero, mu mwaka uza igiheamashurwe azokizako, ntizoba ari imicungwe, amatangelo, amapamperemusi,indimu ; vyose azoba ari imicungwe kubera ari mu giti c'umucungwe,sivyo ? »

Aravuga ati : « Oya, oya. Oya,buri shami ryose ryama ivyaryo. »

Ndavuga nti : « Ndabibonye. »

Ivyo vyari bicumvikana neza cane, kuberandi…murazi ko mfise…vy'ukuri mfise impamyabushobozi iva muri Hartfort nomur'ayo yandi makaminuza yose, murazi. Rero—rerondi…nihweza ivyaremwe, iyo niyo kaminuza nziza cane noba maze kubona, kaminuzay'Umuremyi. Rero, iyo nihweje ivyo, nca nkura ubutumwa bwanje mu buryo mbonaivyaremwe bikora.

Nca mvuga nti : « Emwe, ivyovy'ukuri bitumye niyumva neza cane. »

Aravuga ati : « Habaye iki ? »

Aravuga ati : « Niyumviye ikintukanaka. »

6 Rero, uwomunsi, nariko ndigisha kur'ivyo. Nca ndavuga nti : « Rero, urabona,igihe ishengero ryatangura ubwa mbere, ryari…Yesu yavuze… » Nariko nigishaYohana 15. «Jewe ndi Umuzabibu, mwebwe muri amashami. Kandi buri shami ryoseritama ivyamwa rizocibwa, riturirwe. »

Hanyumaumuntu umwe aca arankandamiza cane kw'izosi vy'ukuri kur'ivyo, aravugaati : « Urabona, niyumvira ko iyo wamaze kuzuzwa Mpwemu Yera vy'ukuriugakizwa, wavuze uti : « Ntibashobora kuja kure y'ivyo. »

« Ukwon'ukuri. »

Aravugaati : « Ivyo navyo n'ibiki ? »

Ndavuganti : « Rero uriko uvuga ku kintu gitandukanye. Ariko avuga kuvy'ukwama ivyamwa ngaho, si ku Muzabibu ; ariko avuga ku vy'ukwamaivyamwa, si ku Buzima. Yavuze ati : 'Emwe, nukate gusa ico giti hanyumakizokure, came ivyamwa.' »

Aravuga…

Nca mvuganti : « Ubu rero, urabona, iki giti igihe catangura, cari coseic'ukuri, abakristo bo muri Bibiliya. Hanyuma mu nyuma haje ishami ryitwaAbaluteriyano, Abametodiste, Ababatiste, Abapresbiteriyano : indimun'ibindi vyose. » Nca mvuga nti : « Urabona, akurira kw'izinary'Ivyarukristo, ariko nta…Ariko abeshwaho n'ico Giti, ariko ariko yamwa ubwokobwayo bw'ikidini. Urabona ? Ariko, » ndavuga nti : « Hamweico giti c'umucungwe cokwigera gisohora irindi shami co ubwaco, rizokwamaimicungwe nk'uko cama mu ntango. »

7 Aho vyarashitse ko haba hicaye ngaho, umurongozi warimwe mu madini ya Gipentekoti yacu ahambaye…ahambaye cane. Sinzi ukuntunobikora kugira umwe wese azobitahure ko atari co ciyumviro canje ko—ko nda—ngwanya abo bene Data, bashikacu ; ivyo sivyo. Ntahurwanabi cane, kandi sinzi igituma. Murabona ? Abantu biyumvira ko ntizeran'ukwizera kw'abantu baja kw'ishengero. Ivyo biri kure y'ukuri nk'amamayiliumuliyoni. « Dutegerezwa gukoranira hamwe, kandi ivyo bikarushiriza ukotubona wa munsi wegereza. » Murabona ? Dutegerezwa kuja hamwe mubumwe. Ntidushobora…

Hamwe noba mba mu gisagarabakaba ata rindi bafise kiretse i…emwe, ishengero kanaka (singomba kuvuga izinana rimwe), ariko ishengero iryo ariryo ryose gusa, hamwe boba bizera ikintukimwe gusa, ko Yesu yari Imana, ibindi vyose bisigaye bikaba atari vyo, nogiyekur'iryo shengero. Namba ntashoboye kuronka umurava w'umukate, no—notoraakamanyu. Murabona ? Nzogenda kwumviriza, mpimbaze Umwami, ndamwereke kondiko ndakora igice canje. Ngomba ko We amenya ko ndi muzima. Ndi—ndi… ngomba kobose bamenya uruhande ndimwo. Nkoranira hamwe n'abakristo, nkahimbariza ngahokandi—kandi nkakorera Umwami.

8 Ariko biragoye cane,nda…vyahora bingora cane, kandi rero nasanze mbere n'Umwami wacu yatahurwa nabimu bintu vyinshi. Yaravuga ikintu kimwe, bagaca ba…kigatahurwa nabi. Nibajijeko bitegerezwa kuba ukwo nyene. Ariko abagize ubwenge bazobitahura. Murabona ?Bibiliya niko ivuga. Bazovyumva.

Rero mu gitondo igihe narikondavuga ivyo…Nca mvuga nti : « Rero, ba—babeshejweho n'izinary'Ivyarukristo, ariko bama ubwoko bw'ivyamwa butari bwo. Rifise icamwac'ikinyedini. Barashiraho ikintu, bakabeshwaho neza na neza naco, kandibanabeshwaho na bwa Buzima nyene. »

9 Nivyo nariko ndageragezakuvuga mw'ijoro riheze, iyo mpwemu irashobora kubatizwa na Mpwemu ikaguma itariumukristo. Murabona ? Uriko ubeshwaho neza na neza na bwa Buzima nyene,ariko ivyamwa wama biravuga ico uri. Murabona ? Ukwo n'ukuri.Murabona ? Barashobora gukora ibimenyetso vyose, bagasengera abagwaye,bagakiza abagwaye, bakugurura amaso, bakirukana abadayimoni, ba—bagakora ivyobintu vyose, babeshejweho neza na neza na bwa Buzima nyene buri ngaho, arikoakaguma ari indimu. Murabona ? Ukwo n'ukuri. « Ku vyamwa,muzomenyekana, » Yesu niko yavuze. Kandi rero turasanga…

Kandi igihe nava ku gicaniro,uwo murongozi ahambaye yarahagurutse, aravuga ati : « Ntiyashatsekuvuga ivyo. » Aravuga ati : « Twese turazi kotwamaditsweko. » Erega, uko n'ukuri ko twamaditsweko, twamaditswe kugishitsi, ivyo nivyo ; ariko ntitwamaditswe mu Muzabibu. Aca reroavuga…atangura kumera nka—kumera nk'uwunsuzugura bukebuke.

10 Kandi ngaho hari hari umugaboakiri muto, ndibaza ko ari umukinyi w'amareresi kanaka ku bantu. Izina ryiwe niDanny Henry, kandi yari umuhungu w'umubatiste. Emwe, aca araza ku gicanirokunkikiza amaboko yiwe, aca avuga ati : « Mwene Data Branham, ndizerako ibi bitumvikana nk'ukurogota, ariko, » aravuga ati :« Ndizera kw'ivyo bishobora guhakwa kuba ikigabane ca 23c'Ivyahishuriwe. »

Nca mvuga nti :« Urakoze. »

Aca atangura kuvuga ikindikintu aca atangura kuvuga mu ndimi, umuhungu w'Umubatiste. Igihe yakora ivyo,aho hariho u—umugore ava ngaha muri Louisiana, yari Umufaransakazi, umugoremunini ameze nk'uwiremereye, arandika insobanuro.

Erega kandi, hariho uyundimugabo akiri muto yari yicaye ngaho yari Umufaransa, arandika ivyo yavuze.Baragereranya izo nyandiko, kandi zose zari zimwe.

Kandi rero umuhungu munini,w'umutwe wera arahagaze amaja inyuma, i Clifton's Cafetaria, aza aratambuka.Aravuga ati : « Reka ndabe izo nyandiko.

11 Ngomba kuraba ukozimeze. »

Izo zitatu zose zari co kimwemu nsobanuro. Yari umusobanuzi wa O.N.U., umusobanuzi w'Igifaransa. Kandizavuga ibi :

Kubera wahisemwo iyi nzira igororotse kandi ipfunganye, ya nzira igoye cane, wabikoze kubw'uguhitamwokwawe bwite…

Ariko mbega ingingo y'ubwiza wafatshe, kubera ari INZIRA YANJE.

Murabona ? Aca avuga…abandanya avuga rero :

Ibi, muri vyo nyene, nivyo bizoshitsa, bizotuma, bizozana, bizoshitsa,ya ntsinzi ihambaye mu rukundo rw'Imana.

Murabona, iminsi yose, mbereno mu Gifaransa, irivuga rija imbere y'insigarirazina ngaho mu—mu—mu nsobanuro.Rero mur'ivyo sinari gushobora kuvuga…Mose, yarihitiyemwo, yategerezwakwihitiramwo. Twebwe twese dutegerezwa kwihitiramwo kandi tugakora neza caneuko dushoboye. Kandi Imana… Ndubaha buri butumwa bw'umuntu uwo ari we weseyahawe ku vyerekeye Imana. Nda…ubwo ari bwo bwose, ndabwubaha n'umutima wanjewose.

12 Rero, nabonye mwene Data umweakiri muto, mwene Data Stringer, ndibaza ko ava hariya muri Louisiana…cankeMississipi, yatuzaniye amafoto amwe amwe ngaha ayo mwatubonye turiko turaraba.Yari iya wa Mumarayika w'Uhoraho, igihe yaseruka. Ni bangahe bumvise iyonkuru ? Ndibaza ko umwe wese muri mwebwe muri ngaha yayumvise.Mwarayumvise kw'ibande, n'ahandi n'ahandi.

Rero, ivyo nari nabibwiweigitondo kimwe isaha zine, nicaye mu cumba canje muri Indiana. Nabwiwe nobaye iTucson, vyobaye kare cane mu gatondo, nobaye ndiko ndikura ibifashi (ivyo twitahariya, ibimata) ku kuguru kw'ipantaro yanje. Hanyuma Abamarayika indwi barajebaraturitsa ivyo, isi nayo irasirana n'ibindi bintu vyose, ku…ibitandarabiratembagara biva ku misozi, hanyuma Abamarayika indwi bahagarara ngaho.

Nca mvuga nti :« Emwe… » Mbwira umugore wanje, kandi ari hano ahantu kanaka mur'ikigitondo, nti : « Tegura ibintu vyose kubera nta buryo na bumwe umuntuyoshobora kubaho inyuma y'ivyo, » mvuga nti : « agasohokamur'ivyo. Ngiye muri Tucson, igikorwa canje kiraheze ngaha kw'isi. NdigiriyeMuhira kwibanira n'Umwami Yesu. »

« Emwe, » aravugaati : « Urabizi neza ata gukekeranya ? »

Ndavuga nti : « Ego.Egome, nta numwe yoshobora—yoshobora kwihanganira ivyo. Nta buryo na bumweburiho bwo kubikora. »

13 Naheruka kuvuga ubutumwa kuBihe Ndwi vy'Ishengero. Aho niho nahamagaye mwene Data wacu w'umuhizi JackMoore kugira ndamubaze ibijanye n'ivyo, Yesu, mu Vyahishuriwe 1, ahagaze ngahoafise umushatsi wera n'ibindi.

Ndavuga nti : « YariUmugabo akiri muto. » Kandi aho niho impishuro yazananye yuko iyo ariinkofero, atari We ; yambaye inkofero (kandi sinashobora kubitahura), mukuba bwa Bumana Kaminuza. Kandi abacamanza ba kera bahora muri Isirayeli, bategerezwakugira mu mutwe hera. Kandi ibara ryera

rigereranya ugutyororwa. Kandin'abacamanza b'Abongereza gushika uno munsi, muri sentare ntahinyuzwaz'Ubwongereza, barambara agakofero kera igihe basohotse, kubera ata rinditegeko na rimwe riri hejuru y'iryabo kw'isi. Murabona ? N'abacamanzantahinyuzwa.

14 Kandi ndibuka ko nagiye hariyamuri Arizona n'ahandi hose, ngerageza uko nshoboye ku…Mfise ubwoba bwonyica.Naragiye mu gikorane c'i Phoenix. Kandi ndibuka, nigishije ubutumwa,Bashingantahe, Ni Isaha Zingahe ? Muravyibuka ? Navuze ko nabibonye,navuze nti : « Imbere yuko biba, mwibuke, UKU NIKO UHORAHO AGIZE,'Ikintu kanaka kigiye gushika.' » Birashoboka ko mwaronse amabande mububiko bw'amabande ubu. Kandi ngaho naciye mvuganti : « Muribuka rero ya mayerekwa atigera ahusha. 'Ikintukanaka kigiye gushika.' Mwibuke ! »

15 Kandi iminsi mikeya inyumay'ivyo, nari numva nshishimutse, nca ndiyumvira nti : « Ibin'ibiki ? Noba ngiye gupfa ? Namba…Nizera ko binyaruka kugiranshobore kubirengana. Singomba guteba. »

Hanyuma igitondo kimwe Umwamiarambwira ati : « Duga ku gasongero ka Sabino Canyon. »

Kandi nari hariya hejurunkirije ibiganza vyanje hejuru, ndiko ndasenga. Numva ikintu kanaka gikorokeyemu kiganza canje. Yari inkota. Ubu rero, urashobora kwiyumvira ukuntu warikwiyumva, uhagaze hariya uri wenyene hanyuma ng'iyo imbugita mu kiganza caweireha nk'uku. Narayimanukije ndayihweza. Koko yari imbugita, imwe muri…kandindatinya imbugita, uko biri kwose. Kandi yari ifise i—ifise i—icuma, ikintu kanakakimeze nk'imwe mur'izi mbugita, nk'icuma canke ikindi kintu, ikarishe canevy'ukuri kandi isongoye. Yari ifise urwubati ruyikikije ngaha, aho abagwanishainkota bakoresha, kugira ntibatemane ibiganza, kandi—kandi yari ifiseakabuyenge aha mu kirindi. Ikwiye neza mu kiganza canje. Emwe narihanaguye mumaso yanje ndongera ndayiraba.

Neza na neza mur'ico kibanza nyene, uwundi munsi, nabonye akanuma gatoyakera kamanuka. Ivyo nzobibabwira hanyuma.

16 Nari ndayifashe mu kiganzacanje, ndiyumvira nti : « Ibi birasize ubwenge. Rero, Mwami, nda… nobandiko ndatakaza ubwenge ? Nta numwe ari ngaha. Ndi ku mamayili n'amamayilikure y'umuntu n'umwe none ngw'iyi inkota. Nari nadugije ikiganza canje hejuru,none yavuye hehe ? » Nca ndiyumvira nti : « Iki n'ikintu gisizeubwenge cane. Raba rero ngaha, ni inkota. » Murabona, ndayidonora, kandiyari inkota. Nca mvuga nti : « Nta numwe ari ngaha ahagazengaha. Ndi ngaha hejuru ku gasongero k'ibi bitandara, neza na neza ku gasongerok'umusozi. » Kandi ntiwashobora no kubona Tucson uri hariya, hari kurecane musi.

17 Ndiyumvira nti :« Rero, iki n'ikintu gisize ubwenge. Ubu rero, hategerezwa kuba hariahantu kanaka mur'iyi micungararo, Umuntu kanaka ashoboye kurema agakora inkotaakayishira mu kiganza canje. » Ndavuga nti : « Ishobora gusakuba ari ya Mana nyene yaremera impfizi y'intama Aburahamu, yashobora kurema yamihari, » imwe mwumva. Nca ndavuga nti : « Ng'iki igikoresho,ubwoko butatu bw'ibikoresho buri kuri co, kandi ndayifashe mu kiganza ari nezana neza iy'ukuri nk'ikindi kintu ico arico cose noshobora gufata mukiganza. »

Nca numva Ijwi, rivugariti : « Iyo ni ya nkota ya wa Mwami ! »

18 Nca niyumvira nti :« None, Iyi yavuye hehe ? Nari neza na neza hariya muri biriyabitandara ahantu kanaka. » Kandi nari ndayifashe mu kiganza canje nk'uku,nca mvuga nti : « Inkota y'umwami. » Nca nderaguza hirya nohino, iyo nkota ica iragenda. Nca ndavuga nti : « Inkotay'umwami. » N'uku…ba bagwanyi bafise—bafise inkota, ndiyumvira ko ari ivy'ukuri,igisirikare canke uburyo kanaka, ba bagwanyi bayifise, murazi. Nca ndavuganti : « Emwe, ico birashoboka ko ari co yarigenewe. Birashika bikababisigura ko ntegerezwa kuzorambika ibiganza ku bakozi b'Imana, canke ku kintukanaka nk'ico, kugira ndabagire abakozi b'Imana. » Aho rero nca…

Ijwi rirongera kuvuga,riti : « Inkota ya wa Mwami ! » Si umwami ; Inkota yawa Mwami ! Murabona ?

Ndiyumvira nti :« Rero, kimwe nacanganikiwe, ubwenge bwanje bwatarutse, canke harihoikintu kanaka kiriko kiraba, hariho umuntu kanaka ahagaze ngaha impandeyanje. »

19 Kandi bene Data, ibi bintun'ivy'ukuri. Si—sinzi ukuntu nobabwira, mwamye iminsi yose mubibona bishikamur'ubwo buryo. Kandi ni…sinashobora kubitahura. Rero…Ni kwa kwiyumva gusizeubwenge cane.

Nca mpagarara ngaho. Ndiyumvira nti :« Ubu rero, Umwe yavuganye nanje ubuzima bwanje bwose, guhera nkiri akanakagahungu gatoya cane, ahagaze neza na neza ngaha, nanje sinshobora kumubona nagatoya. » Ndavuga nti : « Inkota ya wa Mwami ? » Uwo yobaari…Imana ni Umwami. « None iyi Nkota n'iki ? »

« Ijambo ryashizwe mu kiganzacawe. » Iravuga iti : « Ntutinye urupfu, ni igikorwa c'ibangocawe. »

20 Oo, bagenzi ! Manuka mva kur'uwo musozi,nsemerera, mvuza induru, aho ijwi ryanje rishoboye gushika, simbagurikira kubitandara. Naramanutse, mbwira umugore wanje, ndavuga nti : « Ntabwongiye gupfa, urabona, ni—ni—ni igikorwa c'ibango canje. » (Nari namubwiye kuza be na Billy ngaha, kandi

bazane n'abana. Mvuganti : « Rero, nta kintu na kimwe mfise, ariko ishengero rizoraba ukwomwebwe mwese mutosonza n'ibindi, nanje nzo—nzohura namwe hiryay'inkombe. ») Kandi—aca…Ndavuga nti : « Oya, ntabwo ngiye gupfa,ni ikintu kanaka cerekeye igikorwa c'ibango ryanje. »

21 Iminsi mikeya inyuma yaho,nariko ndasohoka mvuye mu gikorane ; naronse ubutumwa bw'impapuro zitatu,bwari buvuye hano i Houston, Texas. Kandi wa mugabo yamvuga nabi cane rwose ryajoro wa Mumarayika w'Uhoraho yafotorwa, ifoto yiwe yafotorwa hariya i Houston,yarampamagaye, aravuga… yarungitse ubutumwa, umugore wiwe aravuga ati :« Ndabizi, mwene Data Branham, urafatiriwe. Umuhungu wanje (umuhungu wamushiki wa Ted Kipperman) yicaye mu murongo w'urupfu kugira apfire mu ntebey'umuyagankuba. » Aravuga…(Vyari kugenda gute iyo uwo aza kuba ari BillyPaul ? » Aravuga ati : « We hamwe n'agakobwa gatoyabategerezwa gupfa. » Kandi mwese mwarabisomye mu kinyamakuru, ata nkeka.Aravuga ati : « Icizigiro kimwe gusa dufise n'uko woza ugakoreshaigikorane hanyuma ugakoranya abantu. »

22 Kandi Raymond Hoekstrayaramaze kunyandikira incuro nyinshi, ariko murazi, nari nateguye kuja inyumay'ico gikorane mu rugendo rwanje rwo guhiga turi kumwe n'umushingantahe McAnally n'abandi. Nca niyumvira nti : « Emwe, hamwe noreka abo banababagapfa sinshiremwo inguvu zanje, sinzosubira gushobora kuja guhiga kandi. »

Rero ndavuga nti :« Neza cane, nzoza. » Ndaja i Houston, ndakora igikorane, kandivy'ukuri…ntibigeze babica, gusa ba…babahaye umunyororo w'ubuzima bwabo bwose.Kandi ivyo nivyo bashaka ko bokora, kubaha umunyororo w'ubuzima bwabo bwose.Rero, haraciye nk'imyaka mirongibiri n'umwe, ndibaza, muri—muri Texas.

23 Niho rero, ndiko ndataha,naduze ku musozi njanye na mwene Data Fred Sothmann. Ari ngaha ahantu kanaka.Mwene Data Fred, uri hehe ? Ngaha. Mwene Data Fred Sothmann, mwene DataGene Norman ; umunsi umwe ; umunsi wa kabiri twicaye ngaho, waMumarayika w'Uhoraho aramanuka mw'ikambi aho twari turi, atangura kuvugaivyerekeye abana babo n'ibintu bariko barakora.

Ndavayo nsubira ku musozi.Kandi nari namaze kuronka ingurube yo mw'ishamba yanje, nariko ndageragezakuronderera mwene Data Fred imwe. Nca nsanga aho zamye zirisha ku ruhanderw'umusozi, nca mvuga nti : « Emwe, ubu rero, ndakubwira ico nzokora,mwene Data Fred. » Ndavuga nti : « Ubu rero, ugende hariya kurikariya gasongero mu gitondo. » Turadugayo bukeye, tururira ku musozi.« Uzugende hariya mu bucagucagu, nanje nzoca nduga hariya ku rundiruhande. Rero, nta nimwe nzorasa, ariko niziruka mur'uru ruhande, nzorasaimbere yazo, ndazisubize inyuma. Ukuremwo nini. »

Aravuga ati : « Nezacane. »

24 Rero mwene Data Fred ajayo.Mwene Data Gene Norman (sinibaza ko mwene Data Gene yaje, sivyo ?),yari—yari ku rundi ruhande. Benshi muri mwebwe murazi Gene Norman, umugenzimpfampfe kuri benshi, mwene Data mwiza cane. Aca amanuka gatoya hepfo. Ahorero, za ngurube ntizari ngaho mur'ako gatondo. Kandi narashobora kubona mweneData Fred, ndamuzungagiriza ukuboko, yari nko ku mayili uvuye aho ndi. Emwe,naribajije nti : « Zishobora kuba zagiye hehe ? »Naramanutse mu kabande gahambaye, ndamanuka, ndiyumvira nti : « Rekandabe ko noshobora kubona aho ziri. » Ntangura gusubira inyuma nduga. Hariinyuma gatoya y'ubucagucagu, izuba niho ryari rigitangura guseruka.

25 Narazungurutse ako kabandekanini cane, Oo, bagenzi, intambwe amajana n'amajana, ibitandara binini bininimur'ako kabande gahambaye kari ngaho, vya bihome binini binini. Kandi bwaribusa n'ubu…izuba ryariko riraseruka, hari nk'isaha imwe, ndibaza, canke ikintukanaka nk'ico. Nca ndicara, nariko nderaguza, birashika ko ndaba ku kuguru kw'ipantaroyanje, hariho ibifashi, ibimata. Nca mvuga nti : « Urazi, ibi bisan'ibisize ubwenge. Murazi, Umumarayika w'Uhoraho yambwiye ko nobaye ndi nko kumamayili mirongine mu buseruko bwo mu buraruko bwa Tucson, nobaye ndiko ndakuraibifashi ku kuguru kwanje. » Muravyibuka ? Sivyo ? Ego,mushinganta. Murabona ? Ndavuga nti : « Ibi birasizeubwenge. » Nari ndabifashe.

26 Hanyuma ncunamuka, mbonank'ingurube mirongibiri ziri nko ku ntambwe amajana atanu uvuye aho ndi, zizarirarisha ivyo vyatsi zica ziraryama. Ndavuga nti : « Ubu rero, hamwenoshobora kuronka mwene Data Fred nkamushikana kuri karya gasongero hariya,yoca aronka ingurube yiwe harya nyene. Ariko ndazi ko ari nko ku mayili imwecanke zibiri uvuye aha ndi mur'aka kanya. Rero, » ndavuga nti :« Hamwe noshobora kurengana uyu mukobeko mutoya zitambonye, nkashikahejuru iruhande ya kirya giti c'umurotemu kiri hariya, » ndavuganti : « Hamwe noshika kuri runo ruhande, hariho inzira y'impongoimanukana kur'uru ruhande, noshobora kwirukayo nkaca mva mur'iyi nzira. Rekamanika akamanyu gatoya k'urupapuro ngaha aho nza kumenyera urutoke urwahe nzagusohokerako, akabande, nshobore gushikira mwene Data Fred hariya mukanya. »

27 Nterera ico gifashi gitoyahasi, nibagiye ibijanye n'ivyo. Ntangura kurenga umusozi vy'ukuri vyoroshekandi ndavye inyuma, ntizari zambonye, ndiruka manuka mfata ako kayirak'impongo. Nari nambaye urukofero runini cane rwirabura. Ntangura kwirukamur'ako kabande nyaruka cane, bica biraba.

Isi yose iranyiganga, ahantu hose. Ibitandarabingana nk'uku vyatembagara bimanuka, umukungugu waguruka nk'uku. Nca ndaraba,imbere yanje hahagarara Abamarayika indwi, neza na neza nk'uko vyari bimeze.Niyumva nk'uko noba mpagaze ahantu kanaka hejuru y'isi. Ubwa mbere, nibaza koumuntu kanaka yoba yandashe, nambaye iyo nkofero yirabura ; nasa ningurubeyo mw'ishamba, ukwo biri kwose, murazi ko zizize. Niyumviye ko umuntu kanakayoba yandashe, iki…anyegereye. Nca—hanyuma mbona ivyo vyari vyo. Erega,nkimara…kuronka igikorwa, mu Vyanditswe, « Amashashara ndwi ariyo mabangandwi. » Murabona ?

28 Umuntu umwe yambwiye, yavuze ati :« Rero… » Oo, aravuga ati : « Emwe, rero, umunsi umwebirashoboka ko Umwami (urabona amayerekwa, mwene Data Brahnam) azoguhishuriraivyo bintu ivyo ari vyo, twese turashobora guca twegera Imana kandi tukaronkaububasha bwinshi kurusha ubwo twaronka mu kuvuga mu ndimi n'ibindi. »

Nca mvuga nti : « Ntibishobora kubamur'ubwo buryo. »

Kubera, urabona, ndizera Ijambo kw'ari Ukuri.Kandi Bibiliya ivuga iti : « Uwo wese azokwongerako ijambo rimwecanke agakurako Ijambo rimwe. » Bitegerezwa kuba biri mur'iri Jambo.Murabona ? Ni amabanga ayo abantu baciyeko ntibabone, kuko aho nyene nihohavuye Ubutumwa bwanje ku Ruvyaro rw'Inzoka hamwe n'Ukwizera kw'ukuri ku mutekanow'uwizera.

29 Sindiko ndasuzugura bene Datab'Abapresbiteriyano bari hariya, na bamwe muri mwebwe bene Data b'Ababatiste muburyo mufise umutekano. Sindiko ndavuga kw'ibi bitandukanye, ariko ntimwawugizemu buryo bwiza. Murabona ? Ukwo n'ukuri. Murabona ? Ariko, na jewenari nawugize nabi. Ariko igihe Umumarayika ahagaraye avuye mw'Ijuruakababwira, aho rero biba biri neza na neza mu Vyanditswe, nivy'ukuri.Murabona ? Ni vyo. Murabona, yama avuga iminsi yose mu buryo buhuzan'Ivyanditswe.

30 Ndi ngaho, naravyihweje gushika aho uwomuzingi waduga, utangura gukwira hose mu kirere, baca bahinduka nk'umucow'igitangaza, nk'igipfungu. Neza na neza kumwe…Ni bangahe babonye ya foto yacoyafatirwa muri Houston ? Hafi mwese. Murabona ? Erega ni neza na nezaukwo ico cari kimeze. Cahindutse ico kintu nyene, kiguma kiduga hejuru cane.

Nariko ndiruka niruka ngerageza kuronka mweneData Fred n'abandi. Haheze akanya, nk'inyuma y'igice c'isaha, nari nshoboyekumubona amaja hepfo, anzungagiriza amaboko yiwe ; na mwene Data Geneariko araza, azungagiza amaboko. Bari bazi kw'ikintu kanaka cabaye. Aho reronca ndabashikira. Ng'urya mwene Data Fred yicaye ngaho.

31 Kiriko kiraduga, sinamenye ko abihwezaikirere n'ibindi, hariya muri Mexico, bariko barafotora iyo foto. IkinyamakuruLife kiragifise kiriko kiraduga. Kandi benshi muri mwebwe…Ng'iki ikinyamakuruLife kiriko ifoto yaco. Ikintu gisize ubwenge ngaha, kandi bavuze ko batazi iyocaje kizananye ; ni hejuru cane. Ni hejuru y'imibumbe yose n'ibindi vyosebibaho…Ni hejuru cane ku buryo igipfungu kitohaba, kubera ari ku mamayilimirongitatu uja hejuru na mamayili mirongibiri n'indwi y'ubwaguke inyumayugushika mur'ico kirere. Nta n'akabombekera canke ikintu na kimwe kirihohariya hejuru, murabona.

32 Kandi biyumvira indege ; rero barasuzumaibibanza vyose, nta ndege yari yaduze uwo munsi. Murabona, bategerezwagusuzuma, kuko vyari vyanyiganyije amadirisha n'ibindi. « Nta ndege zirihohejuru. » Ng'ibi biri ngaha mu kinyamakuru, kibabwira ivyo nyene.Kandi—kandi carabandanije cane. Uno munsi naho biri neza na neza mu…

Ng'iki kiri ngaha mu kinyamakuruc'ivy'ubwenge, aho badashobora gutahura. Ntibazi ico ari co.

Tucson, kuri kaminuza, umugenzi wanjeyaragiyeyo uwundi munsi ababwira ibijanye n'ivyo. Baravuga bati :« Ntidushobora gutahura ivyo… »

Ndavuga nti : « Ntuvuge ikintu nakimwe, nta ciza na kimwe covamwo. 'Ntimuterere imaragarita zanyu imberey'ingurube.' » Murabona ? Ni kw'Ishengero, ku Batoranijwe,abahamagariwe gusohoka. Murabona ?

33 Kandi munyuma umwe wese yaza avuga ati :« Mwene Data Branham, ndabona ifoto yawe ngaha. Ndabona ibi. Nda… »Murazi ukuntu imeze. Ariko ukwo—ukwo gukwiragira kurekure nk'uku uyu mwene Dataayifise ngaha aho ya…Murantunga. Ng'iyi inzira catanguriyeko mu kuduga, gisanzarahejuru. Mu vy'ukuri aha hari mu kuboko kw'ukuryo. Kandi mwese muribuka konavuze nti : « Umumarayika aboneka kurusha abandi ni we yavuganyenanje, yari mu kuboko kw'iburyo kwanje, » mbere n'imbere yuko bishika.Muravyibuka ? Amababa yiwe araba inyuma nk'uku. Aya ni neza na nezaamababa ya nya Mumarayika ariko araduga. Murabona, ariko…Rero baciye batangurakuvuga ayo mafoto kubera yari asize ubwenge cane. Ariko igihe ifoto ya nyuma,igihe yicapa mu birere n'ibindi, ngw'iyi ngaha nk'uko iri mu kinyamakuru Look.Murabona ukuntu kiduga nk'uko batanguye kukibona, murabona. Hanyuma haca hazaifoto nyayo nkuru kandi yanyuma, igihe cibumba.

34 Ntibazi iyo cazananye canke iyo cateye kija,n'ubu ntibarabimenya. Ivy'abuhinga vyaracanganikiwe

cane ku bijanye na co,ntibizi icabaye. Ariko turazi : « Hazobaho ibimenyetso mu hejuru mukirere. » Turabizi. Murabona ? Kandi yarasezeranye ibi bintu.Murabona ? Kandi ikintu kimwe gusa catumye ibi vyemererwa gufotorwa…

Ubu rero, ndazi ko twese turi abagenzi bomuhira ngaha muri kano gatondo. Hamwe noba narigeze kuboneka kuri mwebwe beneData canke bashikacu nk'uwigira uwuzi vyose, ndabasavye mumbabarire. Simbashaka kuba uko. Mpagaze…ndi ngaha muri kano gatondo mvugira imbere y'abagabobize cane, abagabo b'incabwenge ; nda—ndi uwutize, sinshobora mbere nokuvuga neza Ivyanditswe vyanje. Ndafise ikigabane co gusoma muri kano gatondo,ndi…nagomba nsabe umwe muri bene Data bari hano kukinsomera, kuko nsinshoboyeno kuvuga amazina ari muri co, 1 Ngoma 13, (namba ubishaka mwene Data Jack, urashoborakuba urakirondera), kubw'icirwa canje. Nda—sinshoborano kuvuga ayo mazina, ndamuretse abikore, kuko we arashoboye kuyavuga.

Kandi ndazi ko ndiko ndavuganan'incabwenge. Ariko, bene Data, ibi bintu vyakoretse kugira ntimushobore kurabaku kutiga kwanje, ariko mwizere ko ndiko ndababwira Ukuri. N'Imana irikoirababwira Ukuri. N'Ukuri. Murabona ?

35 Rero, iyo mvuze ku madini,simba nshatse kuvuga muri ababisha canke kandi…Oya, simba nshatse kuvuga ngontimuje kw'ishengero ryanyu. Kuja kw'ishengero ryanyu, nivyo mwategerezwagukora. Ariko ntiwifatanye n'amadini, kuko umunsi umwe nzobibabwira kandindavyemeze nkoresheje Ivyanditswe, ko ari ikimenyetso c'igikoko. Kandi muribukagusa, n'ikimenyetso.

36 Ndiko ndavuga ubutumwa…sinarikubwigisha mw'ishengero rya mwene Data Jack, yambwiye ati :« Bandanya ubikore, » ariko ngiye kw'ihema, buzoba ari nk'ubwoamasaha ane. Kandi icigwa canje ni : « Igikoko mu ntango n'igikokokw'iherezo, mu makanda y'inzoka. » Murabona ? Buzofata nk'amasahaane. Ndafise Ivyanditswe vyanje vyuzuye aha hose. Igikoko guhera mu ntango,cari igikoko mw'itongo rya Eden, ni igikoko kw'iherezo, kandi nerekane ko kiriumuntu w'umusenzi n'idini (yakoze idini) ; kandi kizanana mu makandayaryo, nce ndabibemeza nkoresheje Ivyanditswe ko ari vyo. Sinari ndabizigushitsa igihe Mpwemu Yera yabimpa uwundi munsi ndi hariya ruguru.

37 Rero, muri ibi, narikondavyihweza umunsi umwe, mpagaze, hanyuma Ikintu kanaka kimbwira… narikondabiraba, nca niyumvira…Mwene Data Hickerson, umwe mu bazezwabintu banje… cankeumudiyakoni mw'ishengero i Jeffersonville…Namba ntizera ivy'ukuja mw'ishengero,ni kubera iki mfise ishengero ? Irindi joro, hirya no hino mu gihugu, yosetwari twayafatanije kuri terefone, kuri buri mayili kwadarato ijana, twaridufise rimwe mu mashengero yanje.

Rero, iyi—iyi foto, narimpagaze, ndiko ndayiraba, hanyuma Ikintu kanaka…Nari mpagaze mu cumba canje.Ikintu kanaka kiravuga giti : « Yihindukize mu buryo. »Ndumviriza.

Ndazi ko ibi vyumvikananк'ivy'umuntu adakwije neza mu mutwe, ariko, murabona, nk'uko navuze rya joro,ibi bintu vyose bihambaye vy'ukwiga…Rero, ntabwo ndabirwanya. Mwibuke,dutegerezwa kurungika abana banyu kw'ishure bakaronka ubumenyi, n'ibindin'ibindi, ariko nobabwira ubu nyene ko ataco bizobamarira muri ya si igiyekuzoza, kubera azoba ari ubundi busirimu, buri hejuru cane y'ubu. Ubwo busirimuntibuzogira mbere na…Nta mashure buzoba bufise muri bwo, nta rupfu buzobabufise muri bwo, nta caha kizoba kiri muri bwo. Buno burafise ivyo vyose ;ntaco bitwaye uko dutera tuba abasirimu, urupfu ruguma rwiyongera akanya kose.Murabona ? Bwobwo buzoba ata rupfu bufise. Ariko ubu dutegerezwa kugiraamashure, dutegerezwa kwambara impuzu, du…

38 Nari kuvuga mu gitondo kuriEdeni Ya Shetani (benshi muri mwebwe mwararonse ibande yavyo), Edeni YaShetani. Yarakoze irindi tongo rya Edeni, kandi vyamutwaye imyaka ibihumbibitandatu kugira arikore, neza na neza nk'uko Imana yakoze iryayokw'itanguriro. Imana yakoze Edeni yayo, hanyuma Satani aca araryononа. Ubu reroSatani yakoze Edeni yiwe bwite, kandi Imana igiye kuyisambura (ukwo n'ukuri)hanyuma ishireho iryayo bwite.

Ikintu kanaka kiravuga giti : « Yihindukize mu buryo. »

Ndiyumvira nti : « Niyumvira ko ndiko ndayiraba mu buryobwiza. »

Kiravuga giti : « Yihindukize mu buryo. »

Murabona ?

Ndiyumvira nti :« Birashoboka ko iryo Jwi rishaka kuvuga kuyihindukiza mu kuryo. »Kandi igihe nabikora, murabona ivyo ari vyo : Umutwe wa Kristo wa Hofmann,ku myaka mirongitatu n'itatu. Hano, nimurabe ngaha, murabona ubwanwa bwiwe bwera,mu maso hiwe, amaso yiwe, izuru ryiwe, n'ibindi vyose. Murabona igice mumushatsi wiwe gitera kiduga. Kandi yambaye agakofero k'inkofero y'uwoMumarayika yera kugira yerekane ko Ubutumwa bw'uko We ari Imana ari ubw'ukuri.Ni Umucamanza Kaminuza w'ivyaremwe, Umucamanza Kaminuza wo mw'Ijuru no kw'isi.Ni Imana, kandi nta kindi ari atari Imana. Ni Imana yigaragaje mw'ishushoy'umuntu yitwa Umwana w'Imana, uwo Mwana na We yari

Umuntu. Namba ivyo bidatumaUbutumwa bwacu buba neza na neza ubw'ukuri : Yadondowe mu Vyanditswe,Yadondowe mu gikorwa, Yadondowe n'ukubaho kwiwe, wa wundi nyene ejo, uno munsi,n'ibihe vyose. Rero, ayo mashashara ndwi n'Ukuri, bene Data. Murashoborakuteranya nayo, ariko ni mwicare gusa hanyuma muyige n'umutima wuguruye igihekimwe, nimureke gusa Mpwemu Yera abarongore ku…

39 Ngaha, igihe mwene DataJack…Naramuhamagaye imbere yuko nigisha ibi ndamubwira igihe kimwe nti :« Iyi nkofero yera yari iki ? »

Aravuga ati :« Emwe, mwene Data Branham, novuga ko iyo ari imwe yari…inyuma y'izukaryiwe mu mubiri wiwe w'ubwiza. » Nariko ndavugana na mwene Data Jack.Kandi ngaho…Nta muntu numwe nzi mw'isi nosubiye kw'isunga ku nyigisho zaboz'ivyigwa ndoramana n'ibindi nk'uko nk'uko nokoze kuri mwene Data Jack Moore namwene Data Vayle, hamwe n'abantu nka—nk'abo, abanyatewolojiya b'ukuri kokobasoma ubwoko bwose bw'ibitabo n'imfuruka zitandukanye z'ibintu vyose. Emwe,ariko, murabona, hamwe n'ivyo, n'umugenzi wanje wo ku mutima,nda—nda—sinashobora kuvyakira, aho hariho ikintu kiri ngaho kitashoborakuvyakira.

40 Kandi rero igihe bije, ncambona ivyo ari vyo. Ng'ubu ubwanwa bwiwe bwirabura. Murabibona, ndibaza.Murabona ? Ubwanwa bwiwe bwirabura n'umushatsi wiwe wirabura, amaso yiwe,izuru, ikintu cose, gitunganye neza cane, mbere n'igice c'umushatsi wiwekijondagira aha ku ruhande. We ni Imana ! Murabona ? Kandi ni waWundi nyene ejo hahise, uno munsi, n'ibihe vyose. Kandi iki n'ikinyamakuruLook… canke ikinyamakuru Life. Ndibaza ko iki ari…ndibagiye inimero zacomur'aka kanya ; Oo, Rusama, igenekerezo rya cumi n'indwi, mu 1963. Ahoniho casohoka, namba har'uwoba ashaka ico kinyamakuru. Ni ya foto nyene iyoiriko Rockerfeller n'umugore wiwe—wiwe inyuma kuri yo. Kandi iki n'ikinyamakurugishasha c'ubuhinga ko « bikiri ibanga. »

41 Ibi bintu nabivugiyeiki ? Kugira bishobore kubaha imbono ntoya y'ibintu turiko turageragezakuvuga, kw'Imana iriko iradondora aho habiri hose, mw'Ijuru no kw'isi kw'ariivy'ukuri. Ukwo gusoma amanga ari mu mutima, amayerekwa, turafise ivy'ukwiganavyinshi, iminsi yose twama tubifise. Ariko mwibuke, imbere yuko habaho idolariry'ikinyoma, hategerezwa kubaho idolari ry'ukuri ubwa mbere ; ubwa mberehategerezwa kubaho idolari ry'ukuri, hanyuma agakorwa mw'ishusho yaryo. Neza naneza nk'uko twari dufise Mose w'ukuri na Aron w'ukuri, hanyuma tukagira Yamburena Yane inyuma yabo. Murabona uko ivyo vyose biza? Barabibona hanyuma bagacabatangura kuvyigana, mu gihe vy'ukuri hari ico ku nkomoko kimwe. Ni vyo.Sindabivugiye kubabaza canke gusuzugura, canke gushira ikintu ahatari ikibanzacaco, ariko gusa kubw'Ukuri; kumenya ko ndi...

42 Ndiko ndasaza, kandi ndazikw'igihe canje atari kinini cane. Hamwe Yesu yoteba, noshobora...noshoborakugumaho akanya gatoya; ariko ndazi ko umunsi umwe uyu mutima uzotera iryanyuma, nce ninjira mu cumba kinini, cirabura, hariya, citwa urupfu. Ariko igiheurwo ruzoza, sinshaka ikintu na kimwe co gusigara ndarondera inyuma, mukugerageza kucihanako. Ngomba igihe nzoshika kur'ico gihe, kuzoba nejejwe kandintyorowe kubw'ubuntu bw'Imana. Ngomba kuzokwitwikiririsha imvune z'Ubugororotsibwiwe, igihe nzokwinjira hariya, mfise iki kintu kimwe gusa mu vyiyumvirovyanje : Ndamuzi mu bubasha bw'izuka ryiwe; kandi igihe azohamagara, nzosohokamve mu bapfuye hanyuma mbane na We ibihe vyose. Kandi niyo ntumbero yanje ngahakugerageza gushikana...atari ukugerageza tewolojiya zanyu canke ikintu nakimwe, ariko kwongereza ukwizera kwanyu mw'isezerano ry'Imana ry'iki gihe.

Ubu rero dusenge:

43 Mana nziza, turi abantubakenguruka cane kano gatondo, ariko rero, Mwami, turiko tuba mw'isi y'umwijimai...Nta numwe ariho muri twebwe turi ngaha muri kino gitondo, Data, atumva kodu—dukeneye ugutambuka tukwegereye, turashaka ukwo—ukwo gukorwako na We mubuzima bwacu gushobora kuduhindura aboroshe kandi kukatugira abagondeka kuburyo ushobora kuduhindura buri kanya, ukatubumbamwo abahungu n'abakobwab'Imana. Iyo—iyo niyo ntumbero yacu ngaha, Data, niyo—iryo niryo hangiro ryanjeryonyene mfise n'ukugerageza ku—kubaho imbere yawe nkaronka Ijambo ryawehanyuma nkaribwira abagabo n'abagore ko...atari ukuba umuntu atandukanye arikokugerageza kubaha uwampaye Ubuzima. Ubiduhe Mwami.

44 Reka ntihabeho umuntu ngahauno munsi...Canke—canke namba...Turiko turakurikiranwa muri kano gatondo kandi,hirya no hino mu gihugu. Reka ntihabeho umuntu uwo, mur'iri jwi ryacuryumvikana yokwigera yinjira mur'urwo rwumba runini atakuzi mu bubasha bw'izukaryawe. Namba hariho abanyavyaha ahantu kanaka mu gihugu, ba...canke mur'iyinyubakwa, iyi nzu y'amakoraniro ihambaye, bicaye ngaha muri kino gitondo. Nambahariho abo batakuzi, reka uwu ube umunsi aho agatimanama kabo kaza kunyiganzwa,kuvyurwa, hanyuma babone neza ko batazi umunota uwo dushobora guhamagarwakocanke kurengutswako kugira twishure ku buzima bwacu, mw'Ijuru. Kandi nambaizina ryacu rikiri mu gitabo c'umutumba, aho tuzotsindwa n'urubanza; arikonamba riri mu Gitabu c'Ubuzima ca wa Mwagazi, Ubuzima nyakuri, aho rerotwarakijijwe.

Kandi reka Mwami, nk'uko ubwoBuzima butembera mw'ibabi buja mu tubuto, bwinjira mu gishishwa,

hantumabugashika mu rutete, mu gihe turiko turarengana kano gatondo namba harihoUbuzima kanaka butera buja mu rutete bukiri mur'uwo mutumba, busohore unomunsi, Mwami, reka bukurikire ukunyiganga kw'urutete, kuko tubisavye mw'Izinarya Yesu. Amen.

45 Mumbabarire kubona nafasheumwanya munini. Nari navyibagiye mbere ko ndi ku mwanya wo kw'iradiyo hariya,umwanya wa terefone.

Ubu rero reka duhindukiriireku gisomwa cacu. Kandi mwene Data Jack, urafise Bibiliya yawe ngaho? Mu gihendiko ndarondera Icanditswe canje, ndaza gusaba mwene Data Jack gusoma icoCanditswe kubera ntashoboye kuvuga neza ayo mazina. Neza cane. Ni mu 1 Ngoma13. [Mwene Data Jack Moore aravuga ati: "Igice cose?"—Umw.] Egome.

[Maze Dawidi aja inaman'abagabisha bagaba ibihumbi n'abagaba amajana, mbere n'umukuru wese.]

[Dawidi abarira ikoraniro ryosery'Abisirayeli, ati Ni mwumva mubishimye, kandi namba bivuye k'Uhoraho Imanayacu, dutume hose kuri bagenzi bacu basigaye mu ntara zose z'i Bgisirayeli, noku baherezi n'Abalewi bari mu bisagara vyabo bifise amaragiro, kugira ngobakoranire aho turi;]

[duheze tuje kugarukana isandugu y'Imana aho turi; kuko tu—tutayibabayeku ngoma ya Sauli.]

[Nukw abahakoraniye bose baravyemera, kukw abantu bose bashimye iyonama.]

[Nuko Dawidi akoranya Abisirayeli bose, uhereye kuri Shihori, uruzi rwaEgiputa, ugashitsa ahafata i Hamati, kugira ngo baje i Kiriyati-yeyarimugukuray' isandugu y'Imana.]

[Nukw adugana n'Abisirayeli bose, baja i Bayala, ari hoKiriyati-yeyarimu h'i Buyuda, kugira ngo bakurey' iyo sandugu y'Imana yitirirwarya Zina, ari ryo ry'Uhoraho yama avyagiye ku bakerubi.]

[Nuko bakura iyo sandugu y'Imana kwa Abinadabu, bayishize ku mukogotemusha; Uza na Ahiyo bayobora—bayobora inka zikwega uyo mukogote.]

[Dawidi n'Abisirayeli bose bagenda biyereka biginagura, bar' imberey'Imana, baririmba, bavuza inanga n'amakembe n'udushako tw'ingoma n'ivyitwamatowazi n'inzumbete.]

[Maze bashitse ku mbuga ya Kidoni, Uza atuma ukuboko ngw asame iyosandugu, kukw inka zari zitirimutse.]

[Maz' uburake bg'Uhoraho buziriringira Uza, aca amutsinda aho nyene,kuko yaramvuye ukuboko ngw afate iyo sandugu; nukw agwa ngah' imbere y'Imana.]

[Bibabaza Dawidi k'Uhoraho yahwikiye Uza; aho hantu haca hitwa Peres-uzah, kugeza na bugingo n'ubu.]

[Uwo musi Dawidi aca aterwa ubgoba n'Imana; aravuga, ati Mbega noshoborante gutahana isandugu y'Imana?]

[Nuko Dawidi ntiyajana iyo sandugu i we ku murwa wiwe, arikw ayikeberezakwa Obed-edomu w'Umunyegati.]

[Nukw iyo sandugu y'Imana imara amezi atatu mu nzu kwa Obed—Obed-edomu,kand' Uhoraho aha umugisha urugo rwa Obed-edomu n'ivyo yar' afise vyose.]

46 Urakoze, mwene Data Moore,kubw'ukunsomera ico Canditswe. Rero, murantunga sinari gushobora kugisoma jeweubwanje, ariko nda—sinari gushobora kubikora.

Ubu rero, ngomba ko muzingurururananje muri Mariko 7:7, hanyuma dusome imirongo indwi ya mbere ya MarikoMweranda ikigabane c'indwi.

Abafarisayo bakoranira kuriwe n'abanyabgenge b'ivyanditswe bamwebavuye i Yerusalemu.

Babona abigishwa biwe bamwe barisha ivyo kurya intoke zihumanye,bisobanurwa ngo zidakaravye.

Arikw Abafarisayo n'Abayuda bose, iyo batifyikinyuye mugukaraba...ntibarya, kuko bakurikiye—bakurikiye imigenzo babgirijwe n'aba kera.

Kandi bavuye mu kaguriro, iyo batimijagiye amazi ntibarya, kandi harih'ibindi vyinshi ba—babgirijwe...babgirijwe n'aba kera ngo bavyumireko,...ukwozamu buryo bginshi ibikombe n'inzavya n'inkono zikozwe mu miringa.

Abafarisayo n'abanyabgengeb'ivyanditswe baramubaza, bati N'iki gitumye abigishwa bawe badakurikira ingesotwabgirijwe n'aba kera, bagapfa kurisha ivyo kurya intoke zihumanye?

Arabishura, ati Yesaya yavuze neza ivyo yavugishijwe n'Imana kuri mwebgeindyarya, nk'uko

handitswe, ngw Ababantu banyubahisha iminwa yabo, Arikwimitima yabo iri kure yanje.

Bansengera ubusa, Kukw inyigishobigisha ar' ivyagezwe n'abantu.

Dusenge.

47 Mana nziza, tera iteka Ijamboryawe mur'aka kanya, reka rishobore kushitsa ico ryagenewe. Dukoreshenk'ibikoresho kugira turivuge, n'amatwi yacu yumve ibiva kuri Wewe, n'imitimayacu iryakire. Tubisavye mw'Izina rya Yesu, kubw'ubwiza bw'Imana. Amen.

48 Rero, icigwa canjekubw'akanya gatoya n'iki...nda...

Muri kino gitondo, dufatanijwekw'iterefone mu gihugu cose. Kandi natahuye ko umugenzi wanje mwiza, RoyBorders, ariko arumviriza, yacanganikiwe vy'ukuri kuvy'ejo mw'ijoro. Naribagirako twari kw'iradiyo...canke kur'uku gufatanywa kw'iterefone ejo mw'ijoro. Roy,aho uri hose, namba uri hariya muri San Jose mw'ishengero rya hariya, cankehariya hepfo mw'ishengero rya mwene Data McHughes, canke aho hose woba uri,ntutinye, mwene Data, vyose bizogenda neza. Niwitekanire, wewegusa...Izobimenyesha, Roy; ntugire ubwoba, mwana, nugire ukwizera mu Mana.

49 Icigwa canje mur'iki gitondoni: Kugerageza Gukorera Imana Igikorwa Kitari Ubugombe bw'Imana. Rero, uyon'umutwe w'amajambo usize ubwenge, kandi ndizera ko Umwami aza kubiduhishuriramuri kano kanya. Mwibuke: "Kugerageza gukorera Imana igikorwa kitariubugombe bw'Imana. Rero, ivyo biboneka nk'ibisize ubwenge cane. Ariko,mur'ivyo, birashoboka kw'Imana ishobora kudufasha.

50 Ikindi kintu nashaka kuvugamur'iki gitondo, n'uko tunezerejwe no kuba dufise hagati yacu umugenzi wanje, umugenziw'umukundwa cane, umugabo akiri muto. Benshi muri mwebwe bantu mwumvirizakw'iradiyo mur'aka kanya murashobora, canke kuguhuzwa na terefone, murazi uwoari we. Uno munsi n'umunsi w'isabukuru y'amavuka yiwe, afise imyakamirongicenda n'itatu, mwene Data Bill Dauch yicaye ngaha imbere yanje, afiseimyaka mirongicenda n'itatu.

Haraciye imyaka myinshi cane,umuganga yari yavuze ati: "Ntashobora kubandanya abaho." Mpejejekumubona yicaye ngaha mur'aka kanya. Yari muri ca cuma gitanga umwuka, hanyumaumugore wiwe mwiza cane arampamagara arambwira ati: "Mwene Data Branham,namba witeze kubona wa mugenzi wawe wa kera, Bill, akiri muzima, vyoba vyizauje ubu nyene."

51 Nca...Rimwe mu mapine yanjeryari ryatabutse ku ruhande, igurudubu ryanje ryari ryavuyeyo, kandinaratobokesheje ipine ry'imodoka yanje ndiko ndagerageza kumushikira. Narikontera mva kuri sitasiyo, sitasiyo yuzuza igitoro, kandi ndiko mva ku buriro ahonari nahagaze muri Ohio ngerageza kumushikira, ndiko ndasohoka naciye mbonaiyerekwa. Mwene Data Dauch yari ahagaze ngaho, ahagaze mw'ishengero n'ukubokokwiwe kuramvuye; rica rirahinduka, nca ndakubona uriko uramanukamw'ibarabara uca urandamutsa. Riravugariti: "Genda umubwire uti: 'UKU NIKO UHORAHO AGIZE.'"

Yarafise hafi y'imyaka mirongicenda ico gihe.Yari yafashwe n'umutima, ukuziba kw'umutima, hamwe n'ukunanirwa ntasubirwamwokw'umutima. Umuganga w'incabwenge cane. Uyo mugabo ntari...ntashaka...Oya,sinza kubivuga. N'umuntu ashoboye kuronka uburyo bwo kuronka umuganga wese yobaashatse. Yarafise umuganga mwiza cane w'Umuyuda yahuriye nanje mur'ico cumbaaca avuga ati: "Nta mahirwe namwe ariho kuri we yo kubaho."

Nca ndinjira ncisha ukuboko bwanje musi y'icocuma gitanga umwuka, ndavuga nti: "Bill, woshobora kunyumva?" Aremeraakoresheje umutwe wiwe. Ndavuga nti: "UKU NIKO UHORAHO AGIZE, 'ntabwougiye gupfa mur'aka kanya.'"

52 Iyinga inyuma yaho, ngiye ku gicanirokwigisha Ubutumwa bwanje, mbona mwene Data Dauch ariko aratambuka yinjira munyubakwa. Kandi igihe naja ku buriro bwa Furr, hariya...nshatse kuvuga BlueBoar, hariya muri Louisville, nca ndamubona ariko arururuka mu modoka, arikoaraza mw'ibarabara, yaramvuye ukuboko kwiwe, neza na neza mu buryo buhuye narya Jambo ry'Umwami, aho haraciye imyaka itatu canke ine; none ng'uyu yicayeaha yafashe iyo nzira yose, muri Shreveport (yajabutse igihugu, atagendera mundege, ariko mu modoka), egome, yicaye ngaha muri kano gatondo. "Isabukurunziza, mwene Data Dauch." Ivyo biriko biva hirya no hino mu gihugu, bivaahantu hose. "Imana iguhezagire !"

53 Namubatije yari umunyabutatu, namubatijeigihe ya...cari kimwe mu bikorane vyanje vya mbere, igihe mwene Data Banks Woodyamwemerera kwambara impuzu ziwe (n'umuntu w'igihagarara, nk'uko mumubona), acayinjira mu kidengeri nca ndamubatiza afise hafi imyaka mirongumunani n'itanucanke mirongicenda, mw'Izina ry'Umwami Yesu. Yavuze ko atari bwigere ashoborakwiyumva neza gushika igihe yaronka uwo mutekano w'ikintu kanaka. Aho reroyaronse umunsi w'ivuka aho atazokwigera asaza. Ni vyo, ca Gihugu gihambaye.Mbere ariteze no kuzobaho kugeza aho azobona Ukuza kw'Umwami, birashoboragukorwa. Ariko hamwe yosinzira, a...natwe tukaba tugikanura ico gihe, azozaubwa mbere. Neza. Rero, mwene Data Dauch, nta buryoburiho bwo kubihusha ubu rero. Uri neza na neza ku murongo. Guma ngaho, mweneData, kandi Imana iguhezagire. Kandi ndashimira Umwami kubw'umugabo

mwizank'uwo, no kuba yaramuhaye iyi myaka yose.

54 Mu Gitabu c'Ingoma:"Kugerageza gukorera Imana igikorwa kitari ubugombe bwayo." Imanairigenga, umbwa mbere hoho, ivyo dukeneye kubitahura. Abantu uno munsi baribazaigituma tudashobora kuronka umuvyuro. Murizera ubwigenge bw'Imana? Murabona,Bibiliya ivuga ukwo.

Kandi tugerageza...nk'ukonariko ndaganira n'umugwi wa bene Data beza banje, bene Data b'Ababatiste, ntagihe kirekire giheze, baca bavugabati: "Mwene Data Branham, dushobora gusakuronka umuvyuro igihe dufashe Ijambo, akajambo ku kandi, urupapuro ku rundi,urudome ku rundi."

Ndavuga nti: "Na jewendavyizera, urupapuro ku rundi." Aravuga...Ndavuga nti: "Bamyebagerageza gukora ivyo ibihe vyose."

Aravuga ati: "Arikodutegerezwa kurondera insobanuro y'Ikigiriki y'iryo Jambo, ico Ikigirikikivuga."

Ndavuga nti: "Sinasomyevyinshi cane, ariko ndiko ndasoma kahise k'ishengero, hamwe n'Inama nkuru y'iNikeya, hamwe n'Inama nkuru y'imbere ya Nikeya, na Badata b'i Nikeya, n'ibindin'ibindi, baraharira ku bijanye n'Ikigiriki ico gihe. Haraciye imyaka ibihumbibibiri. Umwe yavuga ati: 'Bisigura ibi,' uwundi nawe akavuga ati: 'Bisigurabirya. Ijambo ry'Ikigiriki risigura ibi.'"

55 Nk'uku k'ururimi rwacu;ijambo kubona[mu Congereza : see. -Umw.]. Gukoresha ijambo kubona[mu Congereza: see. -Umw.], urashobora kuba uvuze "ahantu hari amazi,"[MuCongereza: sea. -Umw.] "ndatahuye,"[Mu Congereza : ndatahuye.-Umw.]canke ibindi bintu vyinshi. Kugorwa[Mu Congereza : bored.-Umw.], rirashoborakuba: "yimvye umwobo[Mu Congereza : bored a hole.-Umw.], gutambuka[MuCongereza : to make a walk-Umw.], canke-canke "wangoye" canke"wandihiye imfungurwa"[Mu Congereza : you paid my board. -Umw.],canke rirashobora gusigura ico...ibintu vyinshi. Hamwe n'utwo tudome tuvuga,n'ibindi n'ibindi, rica rihindura insiguro yose. Aho rero ntuzokwigera ubikorank'uko. Imana yaryanditse nk'uko, kubera...

Kandi Ijambo ryoseryarahumetswe, kandi yavuze ati: "Ndagushima, Data, We wanyegeje ibi bintuamaso y'abanyabwenge n'abahambaye, ukabihishurira," (amen) "abanabemera kwigishwa." Ni uguhishurwa kwiwe, nk'uko nabivuze ejo ku mugoroba,"ukabihishurira inzoya."

Ndavuga nti: "Ntakizovamwo, mushinganta." Ndavuga nti: "Umuvyuro ntuzokwigera uzakugeza aho Imana, Imana yigenga, iwurungitse; kandi aho rero irashoborakuzohagurutsa akajuju kanaka kadashoboye mbere no kwandika izina ryako, hanyumaiwukore ikoresheje ako, katazi mbere n'Icongereza ciza tureke rero Ikigiriki co."

56 Ivyo nivyo yakoze muri cagihe Petero yariko aravuga Ubutumwa kuri Pentekoti, murabizi, ntiyarashoboyembere nokwandika izina ryiwe, yari ikitazi kandi uwutize. Ariko Imana ikoraibintu muri ben'ubwo buryo busize ubwenge ku kwiyumvira kwacu kw'ubwenge. Ivyobiyigira Imana. Iyaba yafashe umugwi w'abanyatewolojiya n'abanyacubahiro,n'abandi n'abandi, bakavuga bati: "Irya ncabwenge Kayifa, murabona,arabizi neza cane." Ariko Imana yaramanutse ifata abarovyi bataribashoboye mbere nokwandika amazina yabo, kandi abo nibo yafashe. N'Imana, ifataikintu kanaka ata na kimwe kiri igahingura ikintu kanaka muri co,kubw'icubahiro cayo. Yafashe ibidunduri ibihinguramwo Edeni. Egome, n'Imana.

57 Rero, namba hariho umuntukanaka yoba afise ivyumva bigize umuvyuro, ni mwene Data wacu w'umukundwa,Billy Graham. Ariko ivyuma ni vyiza cane, ariko ivyuma ntibizowuhagurutsa,hasabwa inguvu zikora kugira wiyunguruze, ntushobora kwubaka umuduga,ugashiramwo intebe nziza muri wo, ugakora amapompo meza uka—ukanahinyuzaukoresheje ivy'ubwenge ico ushoboye gukora; ariko kiretse inguvu zikora ziringaho, nta kindi iri atari ikidandazwa gipfuye.

Rero, mu muvyuro w'aba Welsh,umwe mu mivyuro ya nyuma yacu imbere y'Abapentekoti bacu, nta numwe yamenyeicatanguje umuvyuro, akagwi gatoya gusa.

Rero, tumaze kuronkavyose...umugenzi wacu, Bill Graham, azoronka Abapresbiteriano bose,n'Abaluteriyano, n'Abapentekoti, n'abandi bose bari hamwe, yinjiye mu gisagarabaca bagira ugukoranira hamwe guhambaye ari ibihumbi n'ibihumbi, kandi bazoza(mu ndwi zibiri) bahe imitima yabo Kristo ; musubiyeyo mu zindi ndwizibiri nta numwe muzoronka. Murabona,ivyo n'ivyuma. Ariko reka Imana mu buntu bwayo bwigenga ivugane gusa n'akajujukanaka, n'ukuvuga, akantu ataco kari; reka Mpwemu wayo asukwe mu gisagara,abagabo ntibashobora kuja gukora, abagore ntibashobora kwoza amasahani, abasukuntibashobora gusasa igitanda, bariko barasemerera baboroga n'amaboko yabo arimu kirere. Uwo ni wo muvyuro, uri mu bugombe bw'Imana.

58 Vyaravuzwe ko abaganwa bamwebavuye mw'ishengero bagiye hariya muri Wales kugira batahure, canke basuzumeivyo ari vyo ivyuma bigize uwo muvyuro, mu muvyuro w'aba Welsh. Bamaze kuva mu bwatobambaye inkofero zabo zirezire, n'amakoro yabo azunguruka, babona, umupolisimutomuto ariko araza mw'ibarabara, azunguriza inembo yiwe hirya no hino nk'uku,avuza uruhwa, baravuga bati: "Muntu

wanje mwiza, woshobora kumbwira ahoumuvyuro w'aba Welsh uri?"

Aravuga ati : "Ego, beneData, muhagaze neza na neza hagati muri wo." Egome, egome, egome. Aravugaati : "Muratahura, ndi umuvyuro w'aba Welsh," aravuga ati :"Kubera umuvyuro w'aba Welsh uri muri jewe."

59 Ivyo birigenga! Ivyon'ivy'Imana ikora, kandi Yo yonyene niyo ifise uburenganzira bwo kurungikaumuvyuro. S'ugushira hamwe ivyuma, n'ugusenga Imana kugira irungike inkomezizikora—inkomezi zikora.

Ahishurira gusa Ijambo ryayoAbatoranirijwe ishikiro. Rero iyo nkoresheje ijambo gutoranirizwaishikiro...Rero, ni ijambo ribi kurikoresha ku bantu bose, na cane cane igiheaba ari amasinzi y'abantu avanzemwo Abarumeniya n'Abakaluvenista.Atari...Nabasavye kutiyumvira ko nzi vyose, ariko abo babiri bose bosebarihenze dufatiye ku Vyanditswe. Ubuntu n'ico Imana yakoze kuri jewe, ibikorwan'ico ndayikorera. Murabona? Aho rero mwavyumvise. Hamwe mwokurira kuri rimwemur'ayo mashami, muzokwisanga ata nkeka ku mpera y'iryo shami kandintimuzoshobora kugaruka. Igitabo c'Abanyefeso kirabishira hamwe, ndibaza.

Ariko rero, ijambobatoranirijwe ishikiro iyo ndarikoresheje, ntimwibaze ko ndi...iryo niryo jamborimwe gusa nzi ukuntu ku-gukoresha...N'ukumenya-mbere kw'Imana, murabona, aboyamenye. I—ntishobora kuvuga...Ya—yapfuye kugira bose bashobore gukizwa,yarabikoze, ariko biciye ku kumenya-mbere kwayo yarizi uwuzokizwan'uwutazokizwa. Murabona? Ivyo nivyo izi, jewe sindabizi na wewe ntavyo uzi,aho rero duca dukorera agakiza kacu dufise ubwoba n'uguhinda agashitsi.

60 Ariko rero, Imana yarashizehoIjambo ryayo, kandi yamye irishiraho mu bihe vyose. Ukumenya-mbere kwayokwatumye ishira mw'ishengero, no mu bantu, ibintu bimwe bimwe yakoze guheramw'itanguriro. Kandi rero Inkuru Nziza yaba iriko irigishwa kur'ico giheyahishurirwa gusa abo bantu bamwe, abasigaye ntayo batahura. Murabona?"Ndagushimiye Data, Wewe wahishije ibi bintu amaso yabanyabwengen'abahambaye, ukabihishurira inzoya zemera kwigishwa." Murabona,n'ugutoraniriza ishikiro. Atar'uko yabikoze mu kuvuga nti: "Nzoguhitamwo,sinzoguhitamwo." Ikoresheje ukumenya-mbere kwayo, yarizi ivyo wokoze.

Kuri Yo mu kuba iyitagiraiherezo...Murizera ko ari iyitagira iherezo? Namba atari yo, ntishobora kubaImana. Aho rero, mwiyumvire, mu kuba iyitagira iherezo: Yarizi buri kabaragasakose kobayeho kw'isi, incuro zingahe izo mbaragaza zokubise ingohe zazo,ibinure bingana gute bizoba biri muri buri mparagasa, buri kababi k'icatsiyohagarayeko; ukwo n'ukutagira iherezo. Natwe turi abafise iherezo, turatsitaramu mwijima. Imana itugereranya n'intama, kandi dutegerezwa kuronka Umuyobozi.Kandi uyo Muyobozi s'umuntu, uyo Muyobozi ni Mpwemu Yera, Mpwemu wa Kristohagati muri twebwe. "Mu minsi mikeya abisi ntibazongera kumbona."Ukubaho kwiwe kwo mu mubiri kwaradugijwe ku Ntebe y'Inganji y'Imana, aho Mpwemuyari ku Ntebe y'Inganji ; ubu Kristo ari ku Ntebe y'Inganji, Yesu. "Muminsi mikeya abisi ntibazongera kumbona, ariko mwebwe muzombona, kuko nzobanana mwe gushika kw'iherezo ry'isi, no muri mwebwe." Intebe y'Inganjiy'Imana, ya Kristo, ishinzwe mu mutima wanyu; kandi yicaye ku Ntebe y'Inganjiy'Imana, ariko muri ya Nganji y'Imyaka Igihumbi azokwicara ku Ntebe y'Inganjiyiwe bwite; iyo yarahiye ko yohagurukije uyu Muntu, Umwana wayo, Umwana waDawidi, kugira yicare ku Ntebe y'Inganji yiwe.

61 Rero, ihishura ivyo bintuikoresheje ukumenya-mbere kwayo kur'abo yatoranirije ivyo bintu, bitabaye ukontibobitahura. Bahagaze neza na neza ngaho, bavyihweza, hanyuma ntibashoborekubibona.

Ni bangahe bamaze kubona yafoto y'inka iri mw'ishama, iyo utegerezwa kwihweza ukongera ukihweza? Mwobamwarigeze kuyibona? Canke mukabona ya foto ya Kristo ari mu gisaka, canke mukirere, canke mu bicu? Murabona, umucafyi yarayiyunganije neza kugeza ahomutegerezwa kuyiraba mu buryo kanaka. Emwe, aho rero, igihe uyibonye rimwe, ntakindi ushoboye kubona ataro ico. Igihe cose uravye, ngw'ivyo ngaho. Ni bangahebabonye ayo mafoto? Emwe, ata nkeka mwarayabonye.

Emwe, ukwo niko Kristo ameze,We ubwiwe, Inkuru Nziza, niko Ubutumwa bumeze. Igihe ubonye rimwe gusa Ubutumwabw'igihe, nta kindi kintu na kimwe ushoboye kubona atari Iki. Nivyo gusa.Ikindi kintu cose kiba cakuweho, ibisigaye biba ar'ivyuzuriza gusa, murabona,murabona, igihe mubonye Ubutumwa rimwe gusa!

62 Ivyo—nivyo vyari biri mu giheca Nowa. Igihe Nowa n'umugwi wiwe...babona ukuntu...Igihe babona Ubutumwa, ntakindi kintu cari kigoranye. Igihe umugwi wa Mose wayibona, nta kindi kintu carikigoranye. Igihe umugwi wa Yohana wayibona, nta kindi cari kigoranye. Igiheumugwi wa Yesu wayibona, nta kindi kintu cari kigoranye. Igihe umugwi w'intumwawayibona, nta kindi kintu na kimwe cari kigoranye. Igihe umugwi wa Lutherwayibona, umugwi wa Wesley wayibona, umugwi w'abapentekoti wayibona, nta kindikintu na kimwe cari kigoranye, baciye baja kure y'ibindi bintu vyose. Kuber'iki? Kubw'ukumenya-mbere kwiwe yaratoranije kw'ivyo bintu vyoshitse.

63 Irahitamwo umuntu wayoikoresheje ukumenya-mbere kwayo. Nka kumwe yavuga ngaha mu Baroma 8, koEsawu...ko u—kugira ugutoranya kw'Imana gushobore kuba uk'ukuri. Ko Esawu na Yakobo abo babiri bose bavutse kubavyeyi beranda, amahasa, kugira ugutoranya kwayo gushobore kuba uk'ukuri atankeka, iravuga iti: "Ndanka Esawu, nkakunda Yakobo," imbere yukohagira numwe avuka. Murabona? Irazi ikiri mu muntu, yarikizi uhereye mw'itanguriroico cari kiri, rero irashobora gutuma ibintu vyose bikora neza na neza ku gihe.Twese turashavura kandi tukababara; ntimwigeze mumubona We ababaye.Nti...Murabona? Ibintu vyose biriko biragenda neza, neza cane, isaha irikoiratera.

Ibi bintu vyategerezwagushika, aba bagore bose bafise imishatsi migufi, n'aba bagabo bambayei...nk'uko bafise imishatsi nk'abagore babo. Ndababona, mu buryo bushimitse,bafise ibintu bazingirirako umushatsi, bakawuzingira aha imbere. Mbegaukwononekara! Ivyo n'ibiva muri Edeni ya Satani. Na we agakora nka we: arikoarageragerageza kumwa umushatsi wiwe nk'umugabo wiwe; umugabo wiwe ariko araterekaumushatsi ng'ukure nk'umugore wiwe. Kandi umugore ariko arambara impuzuz'umugabo, umugabo na we ariko arambara impuzu zo musi z'umugore. Murabona,ngw'ivyo rero. Umugore atera aba umuhungu, umugabo na we atera aba umukobwa.Murabona, ni Edeni ya Satani, itandukanye n'ico Imana yakoze mu ntango. Ukwo n'ukuri.

64 Hamwe ntotangura, ntituzagupfa twinjiye mur'ibi. Ariko ibi bintu, n'uburyo bwiwe bwo kubikora,n'uwuzobikora, ni uburyo bwiwe bwite yatoranije, arahitamwo. Ubwo nibwo buryoishaka ko bikorwamwo.

Ndiko ndumva mwene DataPearry Green, umwungere wacu muri Tucson, ariko arigisha uwundi mugoroba kukuntu Imana ikora ibintu mu buryo kanaka (ndibagiye umutwe w'icigwa ciwe uwowari wo.), ariko yavuze ati: "Ukwo niko Imana ibikunda, ukwo niko Imanaibikora." Erega, ukwo n'ukuri.

Ubu rero, ninde ari muritwebwe azoja kuyibwira ko yihenze ? Ninde yokwubahuka guhagarara mu nyongaz'Imana, akavuga ati: "Urihenda, Mwami, wari kubikora mu buryo nshaka kobikorwa, mu buryo Mwigisha naka na naka yavuze ko vyokozwe"? Ni bandebazodobera gushika kure mu bushobozi bw'ubwenge bwabo, kugira bavuge ikintunk'ico? Oya, ntimwosohoka ngo mubivuge, ariko muravyiyumvira.

65 Nka bwa Butumwa bwanje kuriAntikristo: "Hazokwaduka ba Kristo b'ikinyoma." Rero, ntiyavuze baYesu b'ikinyoma. Murabona, nta numwe yari kwihanganira kwitwa "Yesu",mu ma jambo y'Umwami. Ariko ba Kristo b'ikinyoma bisigura "abasizwe."

Oo, bobo, bamwe bose biyumvira ko bafise isigwa: "Imanaishimwe, arashoboye gukora ibi no gukora biriya!" Ariko mushire ku gipimoc'Ijambo muce mubona aho asohokera, murabona, kw'Ijambo ry'igihe.

Bari bafise isigwa mu gihe caYesu, ariko atari kuri We.

Bari bafise isigwa mu gihe... Mbere na Dataniyarafise isigwa mu gihe ca Mose. Yavuze ati: "Rero, ntiwibaze ng'uri umwegusa yera hagati yacu, Imana irabafise benshi. Tuzotanguza gusa idini hano,umugwi w'abantu."

Imana yabwiye Mose iti: "Itandukanye nawe." Ica yugurura isi irabamira. Yari yahaye Ijambo ryayo ryo ku nkomokoMose, umuvugishwa wayo; ubwo nibwo buryo gusa yigeze kubikoramwo, kandi nibwoburyo gusa izokwama ibikoramwo. Ntihindura umugambi wayo, murabona.

66 Rero ivyiyumvirovyacu birihenda, ivyiyumviro vyiwe n'ivy'ukuri, iminsi yose. Kandintimugerageze kuyibwira ko yihenze. Ntaco bitwaye uwo twiyumvira ko akwijeibisabwa neza, s'ivyacu ivyo kuvuga uwukwije ibisabwa kurusha abandi. Rero, ahoniho muja mw'idini.

Mwene Data umwe yuzuye Mpwemu Yera azoja mugisagara yubake idin-...yubake i—umugwi mwiza w'abantu. Kandi mw'ihurirobazohura, kandi abo bene Data bera bose bajeyo, murazi, bace bavuga bati:"Murabizi? Nizera ko ki Jones ngaha," (ni umwe ncaguye muri bo) "Ndizerako yategerezwa kuronka rirya hema rinini ryiza, ndibaza. Mbega ntimwibazakw'ari vyo?" Oya, bagenzi. Ng'uyo aragiye. Kandi aho rero ikoraniro ribarishwiragijwe. Murabona? Batandukanye! Imana iratandukanya, niyo yonyeneibikora. Ariko bose, umwe wese, ashaka gutwara uyu mutoya, akamushira hano,urya na we hariya. Ico n'iciyumviro c'umuntu.

67 Umuntu arafise impfunguruzo, ariko vy'ukuriImana niyo ifashe impfunguruzo. Bahaye abigishwa, rya shengero ryera,impfunguruzo ; nimwihweze incuro ya mbere zazikoresheje, igihe Yuda yari yaguyemu caha. Baragiye hamwe bapfinda ubupfindo; abobene Data bera. Ninde yokwubahuka kuvuga ko batari bene Data bera ? Ninde avugako batari abera? Ariko barapfinze ubupfindo, bugwa kuri Matiya. Hanyuma igiheya...N'igiki yigeze akora? Nta na kimwe. Ariko Paulo yari uwatoranijwe! Amen.Ukwo kwari uguhitamwo kw'Imana : umuyuda mutomuto, w'izuru rigonze, ahemana,kandi akaza ishavu. Atari Matiya, umwigisha mu vy'indoramana, murasi,ya—yari...Ni Paulo. Imana yacaguye Paulo; ishengero ricaguye, ryacaguye Matiya.Murabona? Nta burenganzira mufise bwo kubwira Imana ko yihenze. Irazi icogukora, irazi ikigize umuntu.

Ninde yari kwigera...Iryoshengero ryari kwigera ricagura Paulo? Oo, no, nta namba. Bavuga bati:“Urya mugabo ni we ariko aradushira twese mw'ibohero.”

Ariko Imana iravuga iti :“Nzomwereka ivyo azobabazwa kubwa nje.” Irazi ivyo ari vyo.

Neza cane, ntaco bitwaye uwotwiyumvira ko ar'uwukuri, Imana irazi uwukwije ibisabwa neza kubera izi umutimaw'umuntu, irazi.

68 Nta n'uko umuvyuro, canke ibibintu, bishika mu gihe twebwe twibazamwo ko vyategerezwa gushika. Turiyumviraduti: “N'iki gihe nyene, Imana ishimwe ! ” Narabonye mu mice yacuy'Abagwiza tunga n'ahandi: “Hariko haraza umuvyuro uhambaye, aleluya!”

Ntimuzimizwe: “Yaramazekuza, kandi bamugiriye ivyari vyaradondaguwe.”

Murabona? Ariko biyumvira ko hariho umuvyuro. Uriko uraba? Oya!Waraheze, warapfuye, kandi waraherengeteye. Egome. Raba neza, iki n'igihe cogutegura amatara, co gusohoka tukinjira. “Abiteze Uhoraho bazokwamabiyubura mu nkomezi zabo.”

69 Raba neza ngaha mu gisomwacacu, nimurabe Dawidi, umwami wa Isirayeli, ni we yaronse impishuroyokugarukana isandugu y'Imana mu kibanza cayo; ico ntibari bwigere baciyumviramu minsi ya Sauli kubera Sauli yari yarasubiye inyuma. Rero ntibigeze biyumvira isandugu na gatoya, isezerano, mu minsi ya Sauli, kubera yari yarasubiye inyumaakaja kure y'Imana. Rero Dawidi, bukwi na bukwi, n'iryo humekerwa... Ubu reroni murabe neza ibi, ni igisomwa kigoye kwemera cane iyo mutagitahuye neza.Kandi ndumva kw'igihe kiriko kiraza aho twategerezwa kuba abagabo atari inzoya.Egome. Twategerezwa kuronka inyama zigumye mu gishingo c'amata.

70 Raba neza, umwami waIsirayeli, umwami yari aheruka gusigwa nk'umwami; canke gutorwa nk'umwami,Sauli...Samweli yamusize amavuta kubw'ubugombe bw'Imana; kandi mu buryontayegayezwa yari umwami yacaguwe n'Imana, nta gukekeranya kur'ivyo. Noneng'uyu ngaha, ihumekerwa riramucakiye. Dawidi yari yabihishuriwe. Yararonse impishuro,nta wundi muntu n'umwe yari yaravuze ikintu na kimwe kur'ivyo. “Rekatugende kuzana isandugu, kubera ari ubugombe bw'Imana ko tugira isandugu hanokumwe nacu, ko tubaza Imana biciye kur'iyo sandugu.” Ikintu c'ubuhizi canerwose. Mbega ntimuvyibaza uko? Neza cane.

71 Mwibuke, ariko, we ariumwami, hanyuma akaronka impishuro, yari yarenze ikibanza ciwe. Harihoumuvugishwa mu gihugu yitwa Natani, ni we yari yaratoranirijwe kuronkaimpishuro. Hariho ikintu co kuvugwa, yavuze iti: “Uhoraho nta na kimweakora atagihishuriye abasavyi biwe abavugishwa.” Ariko, murabona, Dawidiari umwami, afise isigwa kuri we...Rero, mbega ivyo n'Ivyanditswe ? Afiseisigwa kuri we, kandi afise impishuro y'ukuri ; ariko yari iyitariyo: KuberaNatani yari umuvugishwa w'ico gihe; kandi impishuro ntiyigeze iza kuri Natani;kandi igihe impishuro yaza kuri Dawidi, ntiyigeze mbere ahanuza Natanikur'ivyo. Yarabandanije gusa aja imbere arakora ivyo yagomba gukora. Egome.

72 Ariko murabe neza abo Dawidiyahanuje aha mu kigabane ca 13: “Ariko yagishije inama abagabisha b'ingabobaganza ibihumbi n'abaganza amajana,” ikoraniro ryiwe. Murabona?“Rero, ntimwibaza ko twokora...?” Ivyo sivyo. Yariko ageragezagukorera Imana igikorwa, ariko ntiyari yaratoranirijwe kugikora; murabona, kuberaImana yari ifise inzira.

Nico kimwe neza na nezank'uko Imana yari gushobora kuba yabwiye u—umwami ibijanye n'ububabare bwiwen'ugukira kwiwe, ariko ntavyo yamubwiye, yari yaratoranije inzira yo kubikora,nayo yari umuvugishwa wiwe. Rero yabwiye umuvugishwa, Yesaya, imubwira gusubirainyuma kubwira Hezekiya ivyari bigiye gushika.

Rero, Hezekiya yaravuganaamaso mu yandi n'Imana, kandi—kandi Imana yarashobora kuvugana na Hezekiya, nivy'ukuri, ariko yarakoze imihora kanaka! Murabitahura? Imana irafise inzirayayo bwite yashizeho yo gukora ibintu: kurungika imivyuro, kuvugana, kuvuga,ico arico cose. Irafise inzira yayo yo kugikoramwo, kandi ntaco turi cokuyibwira uko yobikora. Igikora mu buryo biyihimbaye kugikoramwo.

73 Rero, murabona, Dawidi,yahumekewe...Ubu rero muribuka ko navuze isigwa, isigwa ry'ikinyoma? MwibukeMpwemu Yera arashobora kuza agasiga umuntu, akaguma atari mu bugombe bw'Imana.Ngaha, biravyemeza ngaha nyene. Murabona? Dutegerezwa guca mu nzira y'Imana yokubikoramwo, atari inzira yacu, inzira y'Imana yo kubikoramwo. Kubera Dawidi,ari umwami, asizwe, asizwe na Mpwemu w'Imana ari kuri we (ikigereranyo ca YesuKristo), ariko ntiyari umuhora w'Imana.

Kandi ikoraniro ryose, Bibiliya ivuga iti:“Birabanezera.” Raba neza, abagabisha b'ingabo baganza ibihumbin'abaganza amajana, kandi n'abaherezi n'abanyatewolojiya biyumvira ko vyari“vyiza.” Mbere n'abantu bose baravyemera, n'abaherezi, kandi—kandibose hamwe baremera ko isigwa ry'umwami ryari iry'ukuri. Raba neza! Ariko Imanantiyari yarasezeranye guhishura Ijambo ryayo mu gihe caryo kuri bo. Imanayarifise inzira yayo yo guhishura Ijambo ryayo, mugabo atari kuri bo. Mwibukeko cari igihushane ku Mana.

74 Ikintu kanaka nko mu gihe ca Mikaya umuhunguwa Imura. Muribuka irya nkuru? Yuda na Isirayeli bari batandukanye, kandibaribafise ubwami bubiri butandukanye, kandi Ahabu yari umwami w'ubwami bumwe.Yehoshafati na we akaganza umwami—ubwami bwa Yuda, ndizera ko bwar'ubwo; kandiAhabu na we yaganza Isirayeli, Yerusalemu.

Raba neza, haciye haza umugwi w'abanyamahangabifatira igice c'igihugu Imana yabahaye ico Imana yari yahaye Isirayeli, kandiabo Bafilisitiya bari hariya, canke Abasiriya, bari bafashe ico gihugu kandibariko baragaburira abana babo bwite ibivuye mu gihugu cegukira Abisirayeli.Kandi rero bari bakeneye ico gihugu kugira bagaburire abana babo bwiten'imiryango yabo. Imana yabahaye...Ubwo bwari uburenganzira bwabo Imanayabahaye.

75 Hanyuma rero Ahabu atumako Yehoshafati,aravuga ati: "Ngwino." Aravuga ati: "Raba hariya ivyo umwansiwacu ariko arakora. Mbega birakwiye ko twebwe, ihanga ry'Imana, dufiseuburenganzira duhabwa n'Imana ko twategerezwa kuronka ico gihugu, cegukiraiwacu, Imana iciye mu muvugishwa wayo Yosuwa, yagabuye iki gihugu, categerezwakuba icacu, cegukira iwacu, no ku bana bacu, none raba abakoministabacigaruriye? Kandi twara...Turashonje cane, kandi bafashe uburenganzira bwacuImana yaduhaye. Ntiwibaza ko twategerezwa kudugayo tukongera gufata igihugucacu? Hamwe mwoshira hamwe inguvu zanyu: hamwe mwebwe Abametodiste,n'Abapresbiteriyano, n'abandi bose, n'Abapresbiteriyano, n'Abaluteriyano,n'abandi n'abandi, bose boja mu bumwe bw'amashengero ngaha, twese twocatwicarana, tugafata ico kintu." (Ndiko ndavuga kandi mvuga mu migani murakakanya.) "Tuzogenda tugifate."

"Emwe," aravuga ati: "nivy'ukuri, twese turi bamwe." Egome.

Rero, Bibiliya ivuga iti: "Babiriboshobora gute kugendana kiretse bahuza?" Murabona?

Ngw'aho aho uwo muntu ahambaye, uwo mugabow'Umupentekoti ahambaye, yavanganiye n'abantu babi. Kandi nivyo vyashikiyeAbapentekoti b'uno munsi. Hariho abantu bamwe b'ukuri ngaho, ariko baravanganyen'iryo sinzi ry'abanyamadini. Sohoka muve mur'ivyo bintu! Vyaravumwe n'Umwami!

76 Ubu rero nimurabe! Aho yari, yaravuze ati :"Ego, ivyo birumvikana." Aravuga ati: "Imikogote yacu n'iyanyu;abantu bacu. Inyuma ya vyose, twese turi Abayahudi. Ata nkeka, tuzodugananamwe." Ariko hari hasigaye akantu k'ivy'ugusenga muri Yehoshafati gatumaavuga ati: "Mbega ntiwibaza ko twa—twategerezwa kubaza Uhoraho ubwambere?" Murabona? "Ndibaza ko coba ar'iciyumviro ciza."

Emwe, Ahabu, ati: "Ego vy'ukuri."Aravuga ati: "Emwe, Oo, ata nkeka, nategerezwa kuba navyiyumviriye."

"None, hoba harihoumuntu w'Imana ahantu kanaka? Murafise umuvugishwa?"

"Aa, ndabafise amajanaane. Mfise inama nkuru yabo yose ngaha hepfo, idini ryose. N'abavugishwab'Abaheburayo."

77 Rero mwibuke, Bibiliya ivugako bari "abavugishwa, abavugishwa b'Abaheburayo," atari abavugishwab'abapagani, abavugishwa b'Abaheburayo ; ishure ryabo, iseminariry'abanyatewolojiya.

"Emwe, nimubazanehano!"

Hanyuma abo bami barambarabicara imbere yiwe kugira bumvirize uwo muvugishwa. Ng'uyo araje, ndizera koyari Zedekiya yaje, umukuru ahambaye w'abagize inama nkuru yo mu karere, cankeuwo yari we wese, araduga hariya muri bo. Yikorera amahembe abiri maninimanini, aravuga ati: "Numvise ibivuye ku Mana. UKU NIKO UHORAHO AGIZE,'Ukoresheje aya mahembe uzohindira Abasiriya hanze y'igihugu.'"

"Oo, ubwiza!" Umwe weseyiyumvira ko vyari vyiza cane, neza.

78 Nimurabe ukuntu birikobiregereza gushika ku bugi bw'ugwembe ubu rero, hagati y'ic'ukurin'ic'ikinyoma. Kandi mwibuke ko bizorwa ku ruhande rumwe canke ku rundi,gushika aho itandukaniro hagati y'ic'ukuri n'ic'ikinyoma riba rimwe na rimwenk'urwembe rukarishe. Ritegerezwa kuba ari Ijambo ryose ry'Imana ; si hafiIjambo ryose, ariko Ijambo ryose ! Kandi uno munsi biramanuka hasi, atari kuBaluteriyano, atari ku Bametodiste, atari ku Bapentekoti, ariko kur'ico gihegisongoye, mur'iki gihe aho isigwa rya Antikristo ryatunganye cane, ryozimijen'Abatoranijwe, bazogwa ku ruhande rubi hamwe batoryiyubarako, nk'agafuruka.Nimwihweze! Nimwiyubare! Ubu ntituriko tuba mu gihe c'Abapentekoti. Twarenganyeico gihe, neza na neza nk'uko twarenganye ic'Abaluteriyano n'ica...Murabona?

79 Raba neza. Abo bavugishwabose baravugishijwe, amajana ane muri bo, bagaburirwa neza, bateguwe neza,abavugishwa b'Abaheburayo baratanga igishingantahe cabo, bahuje inama, bati:"UKU NIKO UHORAHO AGIZE, 'Duga Uhoraho ari kumwe nawe.'"

Yehoshafati aravuga ati:"Emwe, ivyo—ivyo vyumvikana nka vyiza cane. Ariko," aravuga ati:"hari uwundi woba ufise?"

"Uwundi ? Turafise idiniryose ngaha, turafise inama nkuru yose ikoraniye ngaha. Kuber'iki dukeneyeuwundi ?"

Aravuga ati: "Aa, arikonibaza ko bishoboka ko hategerezwa kuba hariho uwundi."

Aravuga ati: "Oo, egome,hariho uwundi, ariko nta n'uko yegukiye kur'uyu mugwi." Egome. "Niuwashiburiwe hanze. Ni Mikaya umuhungu wa Imura, kandi ndamwanka."Murabona? Aravuga ati: "Ntibazomwakira mw'isangira, kandi nonehon'uwashiburiwe hanze asanzwe. Kandi igihe cose, ivyavugishijwe vyose, ntiyigeraatera intege iseminari yanje na gatoya." Egome. "Kandi akora ibibintu vyose bibi, yama avugishwa ibibi kuri jewe, kugira abeuwutandukanye."

"Oo," Yehoshafatiaravuga ati : "sigaho umwami ntakavuge ikintu nk'ico. Ariko nashaka kwumvaico uwo muntu avuga."

80 Aravuga ati: "Emwe,tuzomurondera." Baca barungika ahantu kanaka mu bugaragwa, barungikaumugabo.

Aravuga, aramubwira ati:"Ubu rero, uri mu nzira yo gusubira inyuma, ngomba ndakubwire ikintukanaka. Uragomba gusubira mw'idini kandi?" Murabona? "Urashakakugiriranira isangira n'aba bose kandi? Namba ubishaka, vuga co kimwe n'ivyouwurongoye akarere k'Abapresbiteriyano avuga, vuga co kimwe n'ivyo mwungereavuga, hanyuma bazoca bakugarukanamwo. Ubu nico gihe co kubikora."

Ariko murashobora kwibazauwasizwe, umuvugishwa w'ukuri w'Imana agiriranira imyumvikano kw'Ijambo rimwery'Imana? Oya, vy'ukuri !

Aravuga ati: "Ndahiyeuguhoraho kw'Uhoraho, nzovuga gusa ivyo Imana ivuze!" Turakeneye umuhunguwa Imura. "Ndakurahiye uguhoraho kw'Uhoraho, nzovuga gusa ivyoavuze." Ukwo n'ukuri : "Ivyo avuze."

81 Rero igihe baja imberey'abantu, abavugishwa bose, baravuze bati: "Rero, uvuga ko ba..."

Aravuga ati: "Rindira,nimumpe iri joro, reka ndabe ico Umwami aza kuvuga." Rero, iryo joro,Umwami aramubonekera mw'iyerekwa amubwira ico kuvuga.

Mu gitondo gikurikira aravugaati: "Uvuga iki none ga Imura?" Igihe bose bari bahagaze...Nashatsekuvuga : "Mikaya mwene Imura," aravuga ati: "Ubu naho uvuga iki?Twese dukoraniye ngaha? abaherezi bose, abavugishwa bose, abami bose, n'abandibose bicaye ngaha bari kumwe. Ubu rero uvuze iki kur'iyo nama nkuru ihambaye?"

Aravuga ati:"Duga," aravuga ati: "Ariko nabonye Abisirayeli basanzaye bamezenk'intama zitagira umwungere."

Ahabu aravuga ati:"Nakubwiye gute! Uwo muhimbiri ashoboye gusa kuvugishwa ibibi kuri jewe!"

Yari gushobora gute kuvugaikindi kintu na kimwe mu gihe Imana yariko ivuga ico kintu nyene? Umuvugishwayategerezwa kuba ari umunwa w'Imana ivugiramwo, atari ivyiyumviro vyiwe bwite.Ibi...Murabona, ya-...yihereje burundu Imana, nta na kimwe aba ashaka kubabaza,ariko ategerezwa kuvuga ico Imana ivuze, kubera nta kugenzura kwaco abafise weubwiwe. Murabona?

82 Aravuga ati: "None,sinakubwiye?"

Ubwo nyene haca haza wa—wamugabo ahambaye afise ihembe, aca amukubita ku munwa, aravuga ati: "IyoMpwemu y'Imana yaciye hehe igihe yava muri jewe?" Mu yandi majambo, rekangerageze kubinoganza: "Raba ngaha mu...Raba ngaha, ngomba ndakubwireikintu kanaka, Mikaya. Mbega uratahura ko ndi umwigisha mu Vyanditswe? Mbegauratahura ko mfise isigwa? " Canke uno munsi twovuga "Umubatizo,uratahura ko ndawufise?"

Imura aravuga ati:"Sindiko ndabikekeranya."

Aravuga ati: "Arikoumviriza! Mpwemu w'Imana yambwiye, kandi abishingira intahe akoresheje n'ababavugishwa banje amajana ane bari ngaha, ko tuzokwigizayo Abasiriya mu gihugucacu. None wewe uri nde wo kuza hano ukavuga ko umwami wacu ahambaye agiyekwicwa? Aravuga ati: "Mpwemu w'Imana ni We yabimbwiye."

83 Reka ndabitsindagire canekugira mushobore kuvyumva. Kandi birashoboka ko twosanga Mikaya yavuze ati:"Mw'iyerekwa ry'ejo mw'ijoro, mushinganta, nabonye Imana yicaye ku Ntebey'Inganji. Mbona ingabo zose zo mw'Ijuru zikoranye ziyikikije, egome, bagirainama mw'Ijuru. Baravuga bati: 'Ninde yoshobora kugenda akatuhendera Ahabu?Kubera ngaha musi y'Intebe y'Inganji hariho umuvugishwa, umuvugishwa w'ukuri,izina ryiwe ni Eliya. Kandi yavugishijwe n'Ijambo ryanje aravuga ati: "Uwomubisha Ahabu, kubera yishe Naboti, imbwa zizorigata amaraso y'uwo mugabow'umubisha," none dutegerezwa gutuma Ivyo bishika kuko vyaramaze kuvugwa,ni UKU NIKO UHORAHO AGIZE ! Bitegerezwa gushika,

bitegerezwa kuba ngaho. Nonetuza kubikora gute?'"

84 "Hanyuma hariya musi muburere bw'imibabaro y'abazimiye, amaja hariya musi hasokoroka impwemu iteraiduga, iravuga iti: 'Ndi umubeshi. Namba noshobora kugukorera igikorwa,nomanuka nkinjira mu bavugishwa biwe.'" Kubera bitunganije cane, bosebazokumva kumwe, kandi n'igishikashika gitoya. "'Kandi nzobatezakuvugishwa ibinyoma. Ntume Ahabu yumviriza abo banyacubahiro aho kwumvirizaumuvugishwa wawe w'ukuri ; kubera azosuzuma ibintu vyose avuga akoreshejeIjambo ryawe, azosuzuma amayerekwa yiwe akoresheje Ijambo, azosuzuma ivyakoravyose akoresheje Ijambo, kandi nibitaba biri kumwe n'Ijambo ntazovyumvira.Ariko ni...Ndashoboye guhenda aba bandi, kandi nzo...ba...Ahabu afitiyeivyizigiro vyinshi uwo mugwi uhambaye uri hamwe w'ubwigenge bwabo, rerobarajana kandi bazokoranira hamwe. Nanje nzotuma Ahabu abumviriza, ajeyo. N'ukotuzobikora."

"Imana iravuga iti:'Urashoboye kubikora, uri umubeshi w'ukuri ; numanuke.'"

85 Hanyuma Zedekiya amukubita kumunwa, aravuga ati : "Wari hehe...?"

Aravuga ati: "Uzobimenyaigihe uzoba wicaye mw'ibohero." Egome.

Aravuga, Zedekiya abwiraumwami ati: "Duga!" Aravuga ati: "Duga kandi uzogaruka amahoro!"

Ahabu aravuga ati:"Nimufate urwo rugabo murushire mw'ibohero. Murushire mu ngoyi,murugaburire ivyo kurya vy'inticantikize n'amazi y'inticantikize. Kandi igihenzogaruka mfise intsinzi nkuye hariya, iyo abavugishwa banje bambwiye ko 'uwumuvyuro uzoshika ata nkeka,'" aravuga ati: "Nzokwitaho urworugabo!"

Nimwumvirize amajambo yanyuma ya Mikaya kur'uyo mugabo: "Niwagaruka vy'ukuri, aho Uhoraho ntazobayavuganye nanje." Amen.

Murabona, Imana irafiseuburyo bwayo bwo gukora ibintu. Aba bantu biyumvira ko bariko barakorera Imanaigikorwa. Mwiyubare! Si ibishika, si ishaka, s'ivyiyumviro, ariko biyegerezwakuba "NIKO UHORAHO AGIZE," bitegerezwa kuba ar'ivyukuri. Neza cane,ntaco bitwaye... Dusanga ivyo bintu ariko bimeze.

86 Ubu rero nimwihweze nezaigihe Dawidi yari yakoze iryo tangazo rihambaye, kandi vyaboneka nk'uko ryariryiza, ikintu ciza co gukora. Aho rero turabona ko (ndiko ndabarusha? Nacerewecane gufata uwundi?) bari bagize iryo tangazo rihambaye, ntiyahanujeumuvugishwa.

Ubu rero, uwo ari we wesearazi neza ko Amosi 3:7 havuga ko Imana yasezeranye kw'itazokwigera ikoraikintu na kimwe itabanje kugihishurira umuvugishwa wayo. Mu bihe vy'ishengerotwararonse abagorozi; ariko vyarasezeranywe biciye kuri Malaki 4 ko hobayeho umuvugishwamu gihugu mu minsi ya nyuma (kubera vyategerezwa guhura neza n'ico gicapo,murabona) imbere yuko igihe c'iherezo kiza.

87 Imbere yuko Yesu aza ubwambere, Eliya yaraje, Eliya wo muri Malaki 3. Matayo 11 niko havuga: "Nambamushaka kubitahura, uwo ni we yari yaravuzwe ati: 'Ehe ngira ntume integuzayanje—yanje imbere yanje.'" Rero, yari yaravugishijwe, abanyatewolojiyabose baravyizera: ko mu minsi ya nyuma, Impwemu ya Eliya izoza, naho nyene.Itegerezwa kuza incuro zitanu, Imana ikoresha iyo Mpwemu : Eliya, Elisa, YohanaUmubatizi, no kw'ishengero ry'abanyamahanga, hanyuma ku Bayuda mu Vyahishuriweikigabane ca 11. N'ukuvuga, ubuntu[Mu Congereza : g-r-a-c-e, -Umw.] bw'Imana,ukwizera[Mu Congereza : f-a-i-t-h, -Umw.], Yesu [Mu Congereza : J-e-s-u-s,-Umw.], i—indome zitanu. Ntibishobora guhagararira kuri kane, bitegerezwagushika kuri gatanu. Murabona? Raba neza!

88 Rero, ivyo yarabisezeranye,kandi rero ivyo bituma Bibiliya iguma ar'iy'ukuri gushika kur'uyu munsi, naSodomu na Gomora. Kandi Eliya ntiyari...Uwo ntiyari Eliya; yari Mpwemu w'Imanakuri Eliya; Eliya yari umuntu asanzwe. Rero, twararonse ba Eliya, n'impuzu zokwifuka za ba Eliya, n'imitamana ya ba Eliya, n'ibintu vyose vyaba Eliya. ArikoEliya w'uno munsi n'Umwami Yesu Kristo. Yategerezwa kuza twisunze Matayo17...Luka 17:30, ni, Umwana w'Umuntu yategerezwa kwihishura We ubwiwe hagati mubantu biwe. S'umuntu, ni Imana! Ariko bizoza biciye ku muvugishwa. Rero,ntiyigeze igira abavugishwa babiri bakuru mu gihe kimwe, ntivyigeze biba,mw'isi. Murabona? Ntaco bitwaye ukwo hoba hariho...imitwe ibiri—ibirintishobora... Ategerezwa kuba ari umutwe umwe. Imana itegerezwa gushikanaumuntu umwe munsi y'uburongozi bwayo. Murabona? Hariho Imana imwe; hariho Data,Mwana, na Mpwemu Yera, ariko Imana imwe hejuru y'ivyo vyose, raba neza,yakoresheje ivyo bikorwa. Niko yakoze kuri Eliya, Impwemu ya Eliya ;yakoresheje iyo Mpwemu, ariko iyo Mana nyene iyigenzura ibihe vyose kugiraishitse Ijambo ryayo.

89 Ubu rero, nimwihweze nezaibi, Dawidi yiyumvira ko yari yatondetse neza ibintu vyose. Kandi yarafiseihumekerwa. Murabona ukuntu Mpwemu Yera ashobora gusiga umuntu? Arikobitegerezwa kuba biri mu rutonde rw'isigwa. Impwemu yo hanze irashoboye gusigwana Mpwemu Yera, n'umushaha wirabura nka kaburimbi. Igifashi gikurishwa na yamazi nyene yubaka...ashira ubuzima mu rugano, ashira ubuzima mu gifashi; arikohariya hepfo mu gifashi, n'ubuzima bw'igifashi. Kiriko kiranezerwa kandigishurika, kikagira ubuzima, kigakora ibintu vyose urugano rukora, arikoumushaha waco n'igifashi. Murabona? Abigisha

b'ikinyoma barashobora guhaguruka,bigisha ubwoko bwose bw'ivy'ubutatu n'ibindi bintu vyose, kandi basizwe naMpwemu Yera, bagakora ibitangaza vyinshi neza na neza nk'uko Inkuru Nziza y'ukuriibishoboye. Ariko biciye kw'Ijambo ngaha, nico kibikora. Murabona ivyo ngombakuvuga? Rero, ni vyiza cane kuvuga ibi, ndibaza, ndi—ndi mw'ihema ryo kw'isiyose muri kino gitondo, ngaha muri—mur'ubu buraro.

90 Raba neza, mwihweze ivyoturiko turavuga. Rero, emwe, nimwumvirize. Dawidi, yarafise ibishikashika vyoseivyo umuvyuro w'ukuri wari ufise. Raba neza! Baravuza induru, bagasemerera,bagatamba, vy'ukuri bararonse ikintu kanaka mur'iryo sigwa. Ata nkeka! Vyosevyari bimeze nk'umuvyuro w'ukuri, ariko murabona ko Imana itari muri vyo. Imanantiyari muri vyo. Yarifise umuvugishwa ari ngaho mu gihugu. Bategerezwakubimenya. Murabona? Dawidi yategerezwa kuba yabimenye.

Ikintu kanaka uno munsi,turafise ivyuma vyose, nk'idini rihambaye, ingendo z'ivugabutumwa za kino gihe,ariko ibivamwo bitera biba vya bindi nk'uko vyari kera; ibiva mu ngendoz'ivugabutumwa zacu zihambaye, kandi imvo zacu zose nziza zihambaye, inyubakwazacu nini nini, hamwe n'inyubakwa zacu zihambaye...z'ibihumbi n'ibihumbi,n'ukwongereza abanywanyi n'ibindi, biguma bizunguruka kwa kundi nyene, vyosen'ugusenyerana. Sindiko mvuga ivyo mu kwigira uwutandukanye, ndiko mvuga ivyokugira mbe imvuga kuri imbere y'Imana, nyene iki Gitabo mpagaze impande murikino gitondo. Murabona? Vyose bizungurukira mu gusenyerana, ibivamwo ni vyabindi nyene.

91 Ubu rero reka turabe ivyabaigihe Imana (mu gihe cayo n'akanya kayo) n'abavugishwa bayo bataba bafashwenkama, bakisunga gusa tewolojiya, abaherezi, n'ivyamadini nk'uko tubikora unomunsi. Rero, tuvyegere neza. Vyose biriko birayangara. Namba Mpwemu w'Imana aringaho, azobitumbereza mw'Ijambo; atari gusa ahantu hamwe mw'Ijambo, arikomw'Ijambo ryose kandi kubw'igihe cose. Murabona?

Umunsi wa Pentekoti, MpwemuYera yabirongoreye neza na neza kuri Ryo, kuri Yoweli 2:38. Murabona? Igihe caLuteri, yabirongoreye neza na neza kuri Ryo; Wesley; mur'uku kunyiganga kwanyuma kw'Abapentekoti; ariko iki n'ikindi gihe, uyu n'umuhamagaro usohoraUmugeni. Atari mu myaka ibihumbi bibiri iheze, canke ugusubirwamwo, cankeukugarukanwa. Pentekoti...

92 Mpwemu Yera yari muri Luteri,Mpwemu Yera yari muri Wesley ; n'Ijambo ry'Imana ryasizwe. Hanyuma Mpwemu Yeraagaruka ku bantu b'iki gihe baca batangura kuronka ukugarukanirwa kw'ingabire.Babura ko, biciye mu kwishikanira Imana, Mpwemu Yera avuga mu ndimi aciye muribo. Barambika ibiganza ku bagwaye, barakira. Baratamba muri Mpwemu. Murabona?Ico cari igihe c'Ubugorozi kigarukana ishengero mu rutonde. Kandi urutonde rwanyuma rw'inshengero kw'ari ugushira ingabire mw'ishengero ; nk'uko Luteriyashizeho ugutsindanishirizwa, Wesley ashiraho ukwezwa, Pentekoti ishirahoingabire. None bakoze iki? Rya kosa nyene, nk'uko ivyaremwe vyabigereranijen'umutumba w'urugano, babaye amadini, ivyo navyo bigwanya Imana, binyuranyen'Imana.

93 Ubu rero turabonakw'igihe...Igihe abo begeranya imitumba baja hamwe, bagize iciyumviro cabobwite. Kandi ntaco bitwaye...Igihe ico "ciyumviro gishasha", nk'ukobacitwa, caseruka mu Makoraniro y'Imana, bakoze iki? Ntibari bashoboye kucakira.Ntaco bitwaye uko cari ic'Ukuri, Umubatizo mw'Izina rya Yesu Kristo, baribamaze kuba ya Nama Nkuru. Umuntu yari yamaze kuvyifatira, Mpwemu yari yamazekubavamwo. Nivyo! Kandi ibi biraseruka...Naravuganye na bamwe mu barongozibanyu ba rurangiranwa; bavuga bati: "None twokora iki ubu rero?"Bokwimaramaza. Mu gihe bazi kwari Ukuri; namba batabizi, bazoba ar'impumyi muburyo bwa Mpwemu n'ibitazi kuri Bibiliya. Sindiko mvuga ivyo n'ishavu, rero,ndiko ndabivugana ukwubaha. Kubera, nta kibanza na kimwe kiriho mu Vyanditsweaho umuntu kanaka yigeze kubatizwa hakoreshejwe ayo mazina y'icubahiro:"Data, Mwana, Mpwemu Yera." Kandi ntiyari bwigere akoreshwa kugezainyuma y'inama y'ubumwe bw'amashengero, ishengero Katolika ry'i Roma. Igitaboc'inyobokamana cabo kirabishingira intahe. Ni umutegekere w'Abakatolika! Siinyigisho yo muri Bibiliya, ariko n'umutegekere w'Abakatolika. NamweAbametodiste mwazanye ibitabo vyanyu vy'indoramana n'ibindi vyose, neza na nezank'uko bakoze, muguma mukurira bukebuke muri vyo. Ariko rero igihe mwashikakuri Pentekoti, mwaciye mukwiragiza imwe mu mitegekere, iyo mwagumye mwumiyeko.

Ariko ubu ni uguhamagarwakw'Umugeni, ubu n'igihe Ishashara ry'Indwi ryuguruwe, ubu n'igihe ibintu vyoseivyo abagorozi basize bitegerezwa kugururwa; kandi Malaki 4 gusa ni we ashoboyegukora ivyo, kubera bisaba impishuro ivuye neza na neza ku Mana iza ku muntu mugukora ivyo. N'ivy'ukuri! Ntishobora kuza ku migwi, ntivyigeze biba. Umuntuumwe! N'ivyo Imana yasezeranye mu bitutu vy'ukuza kw'Umugeni wayo, umu-Eliezer. Murabona?

94 Raba neza igihe abaherezi,abakozi b'Imana, baronse ihumekerwa ryabo bwite, kandi vy'ukuri bagasigwa.Dawidi yari asizwe. Bibiliya niko ivuga. Ariko murabona, yaciye kw'isoko ritariryo, yagiye ku muhora utari wo. Yacishije isigwa ryiwe ku ruhande rutari rwo,ku bantu no kuvyo biyumvira, ku bagabisha b'ingabo, ivyo biyumvira, aho yociyeku muhora wera w'Imana kugira amenye UKU NIKO UHORAHO AGIZE iyo yari yo:"Iki coba arico gihe cavyo? Uwu woba ariwo mwanya wavyo? Ubu bwoba ariubugombe

bw'Imana?"

95 Rero namba ari umuvugishwaw'ukuri w'Imana, azobanza ubwa mbere aje imbere y'Imana, avuge ati: "Data,ibi n'ibiki?" nk'uko Natani yabigiriye Dawidi mu nyuma.

Dawidi yavuze ati: "Ni vyiza kuri jewe kuba mu nzu y'amasederi,isandugu y'Imana yanje iri musi y'amahema hariya?"

Nimurabe Natani, yaravuzeati: "Dawidi, kora ivyo vyose biri mu mutima wawe, kuko Imana iri kumwenawe. Uri urwavya rusizwe rw'Imana."

Ariko kubera yariumuvugishwa, kandi rikaba ari ikosa ryiwe, Imana itegerezwa guhagarariraumuvugishwa wayo. Iryo joro yaramwiyeretse, iravuga iti: "Genda ubwireusavyi wanje Dawidi, ndashima umwete wiwe, ivyo ndabimukundira, kuko n'umuntuahuje n'umutima wanje, kandi ndazi kwari igihe aho isandugu yanje yari kugirwaukwo, igashirwa musi y'ikintu kanaka, ariko nda...S'igihe co gushika kwavyo.Nzoreka umuhungu wiwe abikore, ariko we sinzomureka abikore."

Ng'uwo Natani araje afise:"UKU NIKO UHORAHO AGIZE, Dawidi, iyo mpishuro ihambaye warufisen'iy'ikinyoma nka kumwe vyari bimeze igihe wadugana isandugu." (Egome!Egome! Murabona?) "Ntubikore. Ntubigerageze! Ariko Imana yavuze koizokenera 'umuhungu wawe kugira ibikore.'" Aho rero! Murabona? Ngw'ivyo rero!

96 Dawidi yari asizwe mu kuvugaivyo kubera yarashobora ku bibona imbere, neza na neza nk'uko Aburahamuyarondeye ca Gisagara kw'isi. Murazi, yariko arakirondera kubera yari agiye,Aburahamu, kuzoba ahantu kanaka ngaha,mur'ico Gisagara. Aca araja hirya no hino arondera ico Gisagara. Kandi neza naneza kuri ya si nyene aho yakirondera, cari hejuru yiwe mur'ako kanya, kandikizogaruka mu Nganji y'Imyaka Igihumbi kandi azoba mur'ico Gisagara. Arikonk'uko yari umuvugishwa, yari yaratoranijwe kandi yarahumekewe, yarazi kohariho Igisagara ahantu kanaka, kandi yariko arakirondera. Ariko, murabona,impishuro yose yaco yarihishijwe kuri we. Ntivyari ivy'igihe ciwe. [Ikibanzakigaragara kw'ibande —Umw.]...gushika kuri Yohana, aho yakibonye kimanuka kivamw'Ijuru ku Mana. Ico cari ca Gisagara.

97 Murabona, ikintu cose gitegerezwakuba mu gihe caco. Muratera urugano rwanyu mu gatasi hanyuma...canke mw'irembamukarugenya mu ci rikurikira. Murabona? Rutegerezwa kudugira mu mutumba,hanyuma rukadugira mu mezeza, mu gishishwa, hanyuma rukabandanya mu...Bitegerezwa kuba mu gihe. Ivyaremwe vyose bigenda vyisubiriza. Mpwemu Yerayaremye ivyaremwe, kandi ivyo vyose, Imana hamwe n'ivyaremwe birabandanya.Ibintu vyose yashize mu ngoro cari ikigereranyo c'ivyo yabonye mw'Ijuru.

98 Mubonye igiti kirikokiragwana kigerageza kubaho, ivyo bisigura ko hariho igiti kidapfa. Mubonyeumuntu ariko aragwana kugira abeho, vyerekana ko hano hariho ihema ririndiriyeahantu kanaka ridapfa. "Iri hema ryo kw'isi ni ryakugwaho tuza dufiseirindi ahantu kanaka riturindiriye." Data mwiza wo mw'Ijuru yaranyemereyegutambukira hirya ya ca gihuzu umunsi umwe ndabibona. Ni bangahe bumvise...Nibangahe bumvise...?...Murabona? Kuraba hirya ya ca gihuzu c'ibihe. Vyari nezana neza co kimwe hariya nk'uko ndiko ndababwira ubutumwa mwese, bari bahagazengaho. Imishaha iri musi y'igicaniro, isemerera: "Uzogeza ryari?"Ntabwo ari igitito, umuntu kanaka afise ubwenge: "Uzogeza ryari,Mwami?" Murabona? Mu gihe tuvyiyumvamwo mur'aka kanya, nk'uko imyaka yacu,nka mwene Data Bill Dauch yicaye ngaha afise imyaka mirongicenda n'itatu.Hariho ikintu cipfuza uwo muntu akiri muto kandi. Hariho ikintukanaka...Mwotanga ikintu ico arico cose. Es'ukuntu nobishima kugitanga. MweneData Jack, n'abandi bose muri twebwe. Gusubira inyuma, mwene Data Hierholzer,ari ngaha, mu buto. Dushaka kubukoresha iki? Kuba abakiri bato tukongerakwiruka hirya no hino kandi? Oya mushinganta ! Kubera twumva ko twoca turonkaumwanya wiyongereye wo guhimbaza iyi Mana dukunda.

99 Kandi mwene Data mukundwa,mfise ubu Butumwa muri iki gitondo, hariho Igihugu hirya y'uruzi ico bitaic'ubwiza ibihe vyose. Hoho tuzomuhimbaza mu bihe vyose, kandi ibihe vyose,n'Ibihe bidashira. Kuber'iki tuvyiyumvamwo? Kubera ubwina buriko burahamagaraUbwina. Kandi igihe cose ubwina buriko burahamagara, hategerezwa kubaho Ubwinabwishura kur'ukwo guhamagara bitabaye uko nta guhamagara kwobayeho. Imbere yukohashobora kubaho ivyaremwe, hategerezwa kubaho Umuremyi kugira areme ivyaremwe,bitabaye ukwo nta...Ivyo vyerekana ca cemezo nyene kiriho.

100 Nimwihweze abo baherezi, bosebari hanze y'umurongo. Raba neza, isigwa, ryari ryiza cane, nta kintu kitarikimeze neza kw'isigwa. Nico kimwe na mwebwe Abapentekoti, ariko ubu reronimwihweze umuhora muriko muracamwo. Igihe carahindutse uhereye kuri Pentekoti,ikindi kintu kanaka kiriko kirabandanya. Iyo haza kuba ata muvugishwa ariho mugihugu, birashoboka ko yari kuba ari mukuri. Ukwo n'ukuri. ArikoNatani yariahagaze ngaho, yarashingiwe intahe, yaratoranijwe, yaremejwe n'Imana ko ariumuvugishwa.

Nimurabe! Isandugu iminsiyose muri Bibiliya ni ikigereranyo c'Ijambo kuri twebwe, kubera ryari Ijambory'Imana mw'isandugu. Kandi yari...Raba neza, isandugu baduganye, raba ukuntubabikoze.

Ntiyashizwe mu kibanza cayo co ku nkomoko catoranijwe n'Imana. Rero,Imana yari yaravuze hariya inyuma mu Vyagezwe ko itegerezwa...uko bitegerezwagukorwa, ukwo iyo sandugu itegerezwa kwunguruzwa, n'abategerezwa kuyunguruza.Ariko Dawidi, ari musi y'isigwa...

101 Mwene Data, ntubihushe ibi.Namwe bashikanje, mwe mushaka kuba abavugabutumwa b'abagore n'ibindi n'ibindi,ibi ntimubihushe. Ntaco bitwaye uko isigwa ryanyu rimeze, mutegerezwa kuja mukibanza catanzwe n'Imana. Isigwa rya Dawidi ryari ryiza cane, ariko mu gukoraivyo, yashwabaduwe n'ihumekerwa aca arenga umurongo w'urubibe. Yakoze iki?Yararenze umurongo w'urubibe. Aho gushira isandugu mu kibanza cayo co kunkomoko, yayitwariye ku mukogote mushasha, atari ku mitima y'abalewi.Yategerezwa kujanwa iri ku bitugu vy'Abalewi, aho naho no ku mutima. Ijambontiriri mu vyiyumviro, riri mu mutima! "Atari ku mukogote mushasha."Vyari ibiki? Bamwe...vyagereranya ikintu gishasha, ivyo Dawidi yakoze ngaho,vyavuga buri dini ryose ryobayeho. Ijambo ry'Imana siryo gu...gutwarwan'abarongozi b'ishengero bo mu karere canke n'abazezwa shengero, n'abandi n'abandi,b'amadini. N'Umubatizo wa Mpwemu Yera mu mutima w'umuntu, atari muri imwe mumihari ya ekeleziya. Mpwemu Yera n'ubutunzi bw'urukundo rw'Imana mu mutimaw'umugabo n'umugore bwo kwubaha. Murabona?

102 Hari ku bitugu vy'abakozibayo, abakozi b'Imana bari Abalewi. Bakayishira hejuru y'igitugu cabo c'ibubahohanyuma bagatwara iyo sandugu nk'uku, kubera yaba iri hejuru y'umutima wabo.Bari bafise umutwaro w'Ijambo ku mutima wabo. Amen! Ubu mufise umutwaro w'idiniryanyu ku mutima wanyu, umutwaro w'ikoraniro ryanyu: namba mugiye kwubaka ibi,canke gukora birya, canke gukora ikindi kintu kanaka. Umutwaro w'ukuntu abagiyekwiyongera bangaba mugiye kuronka mw'idini ryanyu; aho kuba umutwaro w'Ijambory'Umwami, kwabo bantu bazobona gusa Ijambo ry'Imana ata kindi. Arikomwarishize ku mukogote mushasha. Murabona? Bariko barizana ngaha mbere riri kubitugu vy'Ubumwe bw'Amashengero. Singomba kuba uwunebagura, kandi Imana imfashemur'aka kanya. Ndiko gusa ndababwira Ukuri.

103 Rero, bohejwe na zinemerahamwe n'ubumwe bw'amashengero, Ijambo, Ijambo ry'ukuri ryarafashwe minenerwe,kubera bari bafise ibishikashika vyinshi. Ariko Dawidi, umwami asizwe...Yariumwami, ariko yari yasizwe nk'umwami. Muravuga muti: "Ndi umukozi w'Imana,asizwe amavuta." Rero guma uri umuvugabutumwa, ntugerageze kubaumuvugishwa. Murabona? Namba uri umukwiragizabutumwa, guma uriumukwiragizabutumwa.

Mwibuke Uziya, mu minsi yaYesaya, wa mwami akiri muto... umuvugishwa akiri muto. Uziya yari umugaboahambaye, umugabo yasizwe amavuta, Imana yaramuhezagiye, arihezagira. Egome,naravuze ubutumwa kuri ivyo ngaha igihe kimwe. Kandi igihe kimwe yarishizehejuru cane gushika aho yibaza ko yarashoboye kufata ikibanza c'umuherezi, acaafata umuriro, aja imbere y'Uhoraho. Kandi a...Abo baherezi baramubwiye bati:"Ntubikore, Uziya!" Ariko yari yishize hejuru. Umuvugishwa ntacoyarashoboye kumubwira na kimwe. Abaherezi bari bazi urugero rwabo, bari bagumyemu rugero rwabo, aravuga ati: "Si urugero rwawe, Uziya! Ntukoreivyo!"

104 Emwe, yarabacecekesheje. Acaajana u—umuriro, yinjira guhereza, afata igikorwa c'abaherezi; yari yasizweamavuta nk'umwami, atari nk'umuherezi. Kandi abo baherezi bariko baragerageza kumubwira bati: "Uri umwami mwiza cane, urasizwe amavuta, Imanayaraduhezagiye biciye kuri wewe. Ariko uri umwami, nturi umuherezi."

Namwe abungere ntimwokwigezemubwira umuvugishwa ico yokora, canke namwe abakwiragizabutumwa ngo mubwireumwungere. Murabona, umwe wese afise ikibanza ciwe iyo cadondowe mu buryobutunganye.

Rero yarinjiranye umuriro,kandi yaciye ahwikirwa n'imibembe arapfa.

105 None ng'uyu Dawidi, umwami.Dawidi ariko aragerageza gukora ivyo nyene ngaha. Yavyishizeko. "Emwe, nivyiza, ntegerezwa kugenda." Areraguza mu bantu, aravuga ati:"Ubivuzeko iki ga mugabisha w'ingabo? Urafise ibihumbi cumi."

"Imana ishimwe, Dawidi,ndumva Mpwemu." Oo, yaramwumva! Koko yaramwumva. "Wiyumvira iki gaDawidi? Uramwumva?"

"Imana ishimwe, ari hosekuri jewe! Reka tubisuzume turabe ko ari vyo, reka turabe. Isandugu ni iyahehe?"

"Iwacu! Yegukira kuritwebwe."

"Twohanuza nde? Atankeka, isandugu." Neza na neza vya bindi nyene nk'uko ico gihugu cegukiraku—ku Bisirayeli aho kuba ic'Abafilistiya. Ukwo n'ukuri, nibo cegukirako."Es'ukuntu naje numva isigwa."

Abagabisha b'ingabo baganzaamajana, n'ikoraniro ryose, bati: "Imana ishimwe !" Barakoma amashi,baravuza induru, baratamba, basimbagurika hirya no hino.

Bari bafise Mpwemu, arikomwibaza ko Data yariko yiyumvira iki? "Es'ukuntu narungitse Natani, uwomuvugishwa hariya! Barazi ico gukora, kandi na Dawidi arakizi, ariko ubuyashishimutse n'ihumekerwa aca arenga umurongo wiwe w'urubibe ajakubikora."

106 Neza cane, nimwihweze neza,"kuyijanira ku bitugu" wari wo mugambi wo kunkomoko w'Imana. Harihoibitegerezwa bitanu. Ngomba ko mwandika ibi, namba mu...Ndabona ko murikomurandika.

Kandi n'isaha zine zirenga iminota mirongibiri, mirongibiri irenga,ndaza kugerageza guheza isaha zitanu, namba bishoboka. Ndaza kunyarutsa caneukwo nshoboye kwose.

Ntaco bitwaye uko umuntu yoshobora kuba ari uwushimitse mu mutima mugukorera Imana igikorwa, ntaco bitwaye ukwo ashimitse mu mutima, ukwo yobaasizwe amavuta, ukwo yoba ar'Umupresbiteriano, Ubabatiste, Ubapentekoti ; ntacobitwaye namba ar'umuzezwa shengero, umudiyakoni, uwo mwoba muri wese,umwungere, umukwiragizabutumwa, umuvugishwa, ico cose yoshobora kuba ari;hariho ibitegerezwa bitanu bitegerezwa kwisungwa ubwa mbere. Ntaco bitwayeukw'isigwa ryoba ringana, uko biboneka nka vyiza, ukwo abantu bakoma induru,ibintu vyose Mpwemu yoba ariko arakora, hariho ibitegerezwa.

107 Ubu rero, bene Data, mu gihemuriko murategura impapuro zanyu, murashobora gutahura ubu rero kuber'iki ?Rero mwibuke, mwese mwariyumviye, kandi vyarigishijwe muri mwebwe, atariuko...(murabona, ndiko mvuga mu gihugu cose)...ntizera mu kuvuga mu ndimi.Ndizera mu kuvuga mu ndimi, ariko mwoshobora kuguma muvuga mu ndimi ntimubemufise Mpwemu Yera. Abikorinto 13, havuga hati: "Naho novuga mu ndimiz'abantu n'iz'abamarayika, ntaco noba ndi." Murabona? Iryo n'isigwa ryaMpwemu Yera, iryo nta na kimwe rihuriyeko n'umushaha uri imbere muri mwebwe.Murashobora kuvuga mu ndimi hanyuma mukihakana Ijambo. Narabibonye bikorwa,namwe murabibona. Murabona? Umugore arashobora kuvuga Ubutumwa bwizahanyuma...Murabona? Barashoboye gukora vyose...Baramwa imishatsi yabo, bakagumabavuza ugwamo bavuga mu ndimi n'ibindi vyose. Egome, ivyo ni vyo ata kwihenda.Mutegerezwa gutonda ku Kuri kw'Ijambo.

108 Raba neza ! Ntaco bitwaye ukoumuntu yoshobora kuba ari uwushimitse mu mutima, ntaco bitwaye uko yobaakoreshejwe n'Imana mu buryo buhambaye, ntaco bitwaye ico yoba ari, ategerezwakuba ibi: ategerezwa...Ikintu ariko aravugako gitegerezwa kuba cisunze igihegihabwa na Bibiliya. Umuntu kanaka yovuga ati: "Emwe, Mose hariya inyuma."Ndazi ivyo Mose yakoze, ariko ivyo sivyo Imana iriko irakora uno munsi."Emwe, hariya inyuma, mu myaka mirongitatu iheze, Luteri yavuze..."Ivyo vyoshobora kuba ari vyiza, ariko sivyo iriko irakora uno munsi."Emwe, mu myaka mirongine iheze, Pentekoti yarasutswe." Ariko ivyosivyo iriko irakora uno munsi. Murabona? Bitegerezwa kuba bihuye n'igihe.

Bitegerezwa kuba vyisunzeIvyanditswe. Bitegerezwa kuba mu mwanya, ubwa kabiri. Ubwa gatatu, bitegerezwakuba vyisunze inzira Ijambo ry'Imana ryavuze ko vyobayemwo.

109 Namwe muravuga muti:"Imana ishimwe ! Mpwemu Yera yasutswe kuri jewe, aleluya, neza na nezank'uko yabigize ku munsi wa Pentekoti." Ariko ivyo vyoshobora kubabitandukanye uno munsi. Yarasutswe no kuri Dawidi, sivyo? Ata nkeka,yaramusutsweko. Yarasutswe kuri Uziya, ariko ntivyari vyo! Murabona,mutegerezwa kwinjira mu bwina kurusha ivyo rero. Murabona? Mutegerezwa kwinjiramu bwina kurusha ivyo rero. Ubu rero, ntimwumve mubabaye, nimube gusa—gusaabubaha.

Kandi nimurabe, kandibitegerezwa kuzanana ku muntu Imana yihitiyemwo. Atari uwo idini ryahisemwo,atari uwo abantu bahisemwo, ariko bihuye n'uguhitamwo kw'Imana. Kandi namba ariubutumwa buvuye ku Mana, bw'impishuro ihambaye ivuye ku Mana, butegerezwakuzanana ku muvugishwa wayo. Rero namba mushaka Icanditswe c'ivyo, ni Amosi3:7. Murabona? Rero, bitegerezwa.

Hariho ibintu bitanu icokintu gitegerezwa kuba kiri: Gitegerezwa kuba kiri mu mwanya waco. Gitegerezwakuba kiri ku gihe c'Imana yavuze ko cobereyeko. Gitegerezwa kuba canditswemw'Ijambo ry'Imana. Gitegerezwa kuba kiri mu mwanya w'igihe c'Imana, murabona.Kandi gitegerezwa kuba giciye ku guhitamwo kw'Imana.

110 Kandi Imana ntikeneye n'umwemuri twebwe kugira asigure Ijambo ryayo, Imana n'iyo Musiguzi wayo bwite.Ntikeneye amaseminari yacu. Ntikeneye ubwenge bwacu, n'ubupfu. Murabona? Evayaronse ubwo, egome, aca abura Insobanuro biciye ku bwenge bwiwe.

Muravuga muti: "Oo,muhungu, urya mugabo n'umuntu w'incabwenge." Emwe, ivyo nta na kimwebivuze. Ata nkeka. Ahabu yari umuntu w'incabwenge. Beluteshaza yari umuntuw'incabwenge. Satani yari uw'amayeri menshi, atadonoka, incabwenge, nta n'umwemuri mwebwe yari gushobora kumuhangara, nta n'umwe.

Sinishigikije u..nakimwe...ubwenge, nimwishimikize gusa Imana. Murabona? Imana imeze gute? NiIjambo. None rero ni gute Imana isigura Ijambo ryayo bwite? Ubu reronimwumvirize neza, ntimuhushe ivyo bintu. Ni gute Imana isigura Ijambo ryayobwite ? Mu kurishitsa, atari gusa kamwe ngaha, ariko ryose kubw'ico gihe.

Atari ukuvuga uti: "Nowasohoka uvuge ubutumwa, urahumekewe," ariko, "Ubaka ubwato, shirakoimiryango kuri bwo, bukore uku na kuriya." Vyari kugenda gute iyo akashiraumuryango hejuru aho kuwushira hepfo? Vyari kugenda gute iyo akashira idirisha hepfo,umuryango na wo hejuru? Murabona? Gitegere kwigishwa vyisunze igihe, kubera nineza na neza ico Imana izogikoresha. Gitegerezwa kuba ukwo, kandi gitegerezwakuza giciye kw'ihumekerwa.

111 Narumvise umugabo igihekimwe, avuga ati: "Ndizera ko uwo mugabo asengera abagwaye, ndizera kwarivyiza. Ariko nk'uko ari umuvugishwa," aravuga ati: "Ndizera kw'ariumuvugishwa w'Imana ; ariko nk'umwigisha, emwe, ni umu 'Yesu wenyene.'"Mbega u...Uwo muntu mwomwita umuntu bwoko ki? Umuntu atazi ico ariko aravuga.

Iryo jambo nyene umuvugishwarisigura ko ari umuhishuzi w'Ijambo ry'Imana," impishuro iza gusa kur'uwo.Kandi nico gituma uno munsi dukeneye uwo muntu ahambaye yategerezwa kurungikwakuri twebwe mw'ishusho y'umuvugishwa Eliya, kuko izoba impishuro y'Imanayimenyekanishije kuri twebwe mu kwishingira intahe, yerekana ko ari wo munsin'isaha n'igihe Imana yabisezeranyeko kubamwo. Kandi mwibuke, azovuga agwanya;iminsi yose niko vyamye, iminsi yose niko bizoba. Azoshiburwa, neza na neza nkakurya igishishwa kizosokoroka...Ubwa mbere azokwemerwa, kubera igishishwakigumya gusa urugano gushika rushoboye gushika ku zuba. Pentekoti izoba gusaubwugamo bw'Ubutumwa, ibwugururire umuryango gushika bumaze gukwiragira,hanyuma igishishwa kizokwikurako, urugano ruce ruja mu Kubaho kwa wa Mwana,murabona, kugira ukomere.

112 Aho nta madini azoba ariho,nimwibuke gusa. Mwene Data Jack umunyakahise, benshi muri mwebwe ngaha muri bo.Ntihigeze haba umuvyuro bataca batanguza idini kuri wo nko mu myaka itatuinyuma y'uwo muvyuro. Mbega ivyo nivyo? Uku kunyiganga guhambaye kw'igitangazakwa nyuma kw'Imana mur'iyi minsi ya nyuma, kumaze imyaka mirongibiri; kandikuri ku mamayili umuliyoni kure y'amadini, kuguma kuja kure akanya kose;igishishwa kiriko kiravako, nka gukorera hamwe, nta na kimwe hamwe na Kwo.Murabona? Akanya kose kiguma cikura kuri Kwo. Nta kindi gishobora kuhaba, ubun'urugano. Ariko hose dusa n'ugwatsi. Egome. Ni vyo. Dutegerezwa kwiyanikira muKubaho kwa wa Mwana kugira dukomere, ni vyo gusa. Dusa n'ugwatsi hose; nta kubaabashimitse mu mitima turaronka, ubweranda, ikintu twategerezwa kuba dufisehagati yacu, kugira tumenye ko Mpwemu w'Imana nzima, agendagenda mw'Ijamboryiwe kandi atwereka ivyo bintu.

113 Dufise abiganyi b'ikinyomabaduka. Ivyo bikora iki? Kuzimiza. Bibiliya ivuga ko bobikoze. "Nk'ukoYane na Yambure bagwanije Mose, niko n'abo bo mu minsi ya nyumabazobikora." Murabona? Bakora vya bindi nyene, bakaza kuvyigana, nezacane. Murabona? Mube maso! Mwihweze Inyigisho ya Bibiliya. Nimwihweze ubutumwabukurikira ivyo bitangaza! Riracari rya shure nyene rya kera ry'ubutumwa? Vyibagire!

Imana yarungitse ibitangazan'ibimenyetso kugira ikwegere abantu bayo. Igihe Yesu yaza, yarakiza abagwayen'ibindi, niko n'abavugishwa bakora. Bariyumvira bati: "Oo, ubwiza, araje,azoca aba Umufarisayo. Azoca aba Umusadukayo."

Ariko aravuga ati: "Mwarunganwe rw'inzoka n'inkoma." Aravuga ati: "Muri aba so wanyu wamugwanizi, kandi ibikorwa vyanyu nivyo mukora." Aravuga ati:"Nimutarya umubiri w'Umwana w'umuntu, ngo munywe n'amarawo yiwe, ntabuzima muzogira muri mwebwe." Ntiyabisiguye. Ntiyategerezwa kubisigura.Aleluya. Ivya vyari ivy'ikindi gihe. Egome. Yavuze gusa ivyo yategerezwakuvuga, ati: "Iminsi yose nama nkora ibihimbara Data, navyo n'ukwitonderaIjambo ryiwe. Namba ntabikora, ubuzima bwanje n'ibikorwa vyanje bikababitagereranwa n'Ijambo ryiwe iryo nategerezwa gukora, aho rero ntimunyizere,sindi We; ariko namba ndabikora, aho rero nimwizere ibikorwa namba mudashoboyekunyizera," niko yavuze.

Nimurabe ukwo ivyo 'bitegerezwa'bitegerezwa gukorwa.

114 Ubu rero nimurabe, Imanantiyari yabahishuriye ico kintu ikoresheje inzira yayo yatanze, yariyagihishuye ikoresheje ihumekerwa, ariko cari mu muhora utari wo. Murabona,ihumekerwa rizoba ryiza, ariko iyo riri mu mugende utari wo. Kizocamwo nabi. Nink'uko mwofata urusoro mukarurasa mutumbereje ku kintu, ruragenda gushikakur'ico kintu, ariko umuyaga ukomeye woshobora kurukatisha. Rero, mu mudugawanyu, mudenda mw'ibarabara ku mamayili mirongitandatu, mirongirindwi kw'isahahanyuma umuyaga w'inkomezi ukabasunura, murashoboye kugorora amapine yanyu,mukongera kuyigarukana mw'ibarabara kandi. Ariko urusoro ntiwobishobora; ntakintu na kimwe kiriho ngaho co gutumbere amapine yarwo, rurahusha intumbero.Murabona, rutegerezwa kugendera mu muhora warwo wo ku nkomoko.

115 N'uko n'Ijambo ry'Imanaritegerezwa kugenda mu mugende waryo wo ku nkomoko. Nta muyaga uzo na mukeyauzorisunura; nta kadini, canke ikintu na kimwe, kizorisunura; nta guhamwa nagutoya kuzorisunura. Ritumberejwe ku ntumbero! Rigiye gukubitaho, kandi. Kandirero Imana, igihe rikubise iyo ntumbero, Imana izorishingira intahe,"Rikubite hagati neza!" Egome, ni neza na neza ivyo yavuze koazokora. Ng'ibi biri mu Vyanditswe, "UKU NIKO UHORAHO AGIZE, 'Bizoshika!'"Ng'ibi ngaha. Murabona?

Ngw'ivyo rero.

116 Rero, Imana ntiyari yabihishuye mu nzira yayo yatanze. Baca rerobaja kubikora banyuranije n'Ijambo ryayo, banyuranije kandi n'igihe, neza naneza nk'uko babikoze uno munsi. Iyo abantu, ntaco bitwaye uko boba abashimitsemu mitima, bagerageje kuyikorera igikorwa hanze y'inzira yayo yatanze, bamabavyonona vyose. Nka Balamu, Balamu yiyumvira ko ariko arakorera igikorwaImana.

Mwibaza ko Imana ibesha?Imana yoba yigera ihindura iciyumviro cayo? Emwe, abantu uno munsi bakorank'uko yakoze. Igihe yavuze kubagore kutamwa umushatsi wabo, bavuga bati:"Turashoboye kuwumwa, Mwigisha kanaka yavuze ko dushobora kuwumwa. MweneData kanaka yavuze ko wewe ufise ubwenge buke." Egome, egome. Murabona?

"Emwe, ivyo vyoshoborakuba? Ibi biraba?"

"Ego, egome, Kanaka nikoyavuze."

Imana ntihindura iciyumvirocayo.

117 Murizera ko Balamu yariumuvugishwa ? Bibiliya ivuga ko yari we. Murizera ko yari umuvugishwa ? Uburero, mwibuke, Balaki yaraje amubwira ati: "Manuka uvume ririya hanga,kubera bari ahantu hose kw'isi. Nta n'uko bari idini, s'igihugu, bari umugwiusanzaye gusa; kandi turi abanyacubahiro bo mu gihugu. Rero numanuke hariyauvume ririya hanga, nanje nzobiguhembera."

Kandi Balamu yakora neza naneza ico umuvugishwa yokoze, yavuze ati: "Sinzogenda. Nimurindire gusa,mw'ijoro, ndabe ico Imana imbwira gukora."

Rero yarinjiye, aravuga ati:"Mwami, hariho abantu hano hanze turi kumwe, bashaka ko ngenda nkavumairindi hanga hariya hepfo." Aravuga ati: "Ushaka ko nkora ikikur'ivyo?"

Imana iravuga iti:"Ntugende, kuko barya n'ihanga ryanje!"

Balamu arasohoka, aravugaati: "Nimwisubirire muhira. Sinshobora kujana namwe, Imana yambwiyekutabikora." Rero, hariho Ijambo ry'Imana ryo ku nkomoko: "Ntugende!"

Emwe, baciye basubira inyuma,baravuga bati: "Murazi, umuzezwashengero wawe ntiyumvirije."

Umwami aravuga ati :"Emwe, ndababwire ico twokora. Akeneye amahera makeya, ndizera ko ivyovyoshobora kumukwegakwega. Canke bishoboka ko nzomugira umukuru w'ishengero mukarere, bishoboka ko nzomuha ikintu kanaka gihambaye co gukora. Nzoshoborakumugira umuzezwashengero, ntushobora kuvuga ico nzokora. Ngaha, nzokubwiraivyo nzokora. Mwa bagabo mwe ntimwaronse ubumenyi bukwiye bwo kumuhendahendaukwo biri kwose; zi his na hain'ts na tote na fetch na carry, zawe sizo.Ntayari kubumviriza, tuzorungika umugwi wize vy'ukuri hariya, abanyacubahirobandi."

118 Baramanuka hariya, baravugabati: "Mwigisha Balamu, Mwigisha Balamu, mwaramutse. Ndakuzaniye indamukanyozivuye ku mwami."

"Mwaramutse, beneData." Murabona?

"Ubu rero, MwigishaBalamu..." Kandi, Oo, insiguro y'amajambo agoye, ukwo yariko aracukumbuka.Baravuga bati: "Rero, umwami yavuze ko azogushira hejuru, kandi azoguhaicubahiro gihambaye. Kandi urazi, baguhaye amahera menshi cane kugira utore ikigikorwa, ariko umwami yavuze ko azoyagwiza na gatatu, ayagwize na kane, hamwewoza kucakira." Aho rero Balamuamaboko aramurya, naho biri ukwo. Agira ivyiyumviro vy'ubujuju aranyiganga muvyiyumviro vyiwe.

Ubu rero mwibuke,yarahamagara Imana akoresheje ivyo, asizwe, ariko yaranyiganjije Imana irava kumugambi wayo wa mbere. Ni ni neza na neza ivyo Abapentekoti bakoze! Kubarurangiranwa, mwebwe Abanyabumwe, mwebwe Abanyabutatu, kubw'ukuba rurangiranwamuja mumadini kugira mube abatandukanye, mwaritunganije, mwarapfuye!Ntimuzongera guhaguruka kandi. Ariko murabona, mwategerezwa kuba mwagumanyen'Imana...Yabakuye hariya muri Assemble kugira ibagire ihanga, arikomwaritunganije musubira neza na neza muri vya bidahwe (murantunga) nyene ahomwasohotse, vya bindi nyene mwasohokamwo: "Nka kurya kw'imbwa isubirakuvyo yadashwe ingurube nayo igasubira mu rushanga." Murantunga navuzeivyo, mumbabarire, ivyo si vyiza ngaha ku gicaniro. Murabona? Ivyo nabivugiyemu mubiri. Raba neza rero...ivyo nivyo nashaka kuvuga, kudahwa. Nari kubanabivuze nk'uko. Ijambo ryari ryiza cane, ariko ryakoreshejwe nabi gusa.Murabona? Ryari ryakoreshejwe neza, ariko ntiryumvika neza, murabona. Ibidahwe,"Nk'uko imbwa isubira kuvyo yadashwe."

119 Namba Amakoraniro y'Imana,Inama nkuru, yatunganije Pentekoti ubwa mbere babinziza mur'ivyo ku buryobatari bashoboye kwemera impishuro, ntimubizi, Banyabumwe, ko mwakoze ivyonyene? Mwoshobora gute kwakira Ubutumwa "bw'uruvyaro rw'inzoka, umutekanow'Ibihe bidashira," n'ibi bintu vyose vyaje? Murituganije cane rwosekugeza aho mutazobureka bwinjire mu muryango wanyu, egome,

egome, nico kimwen'ivyo Balamu yakoze. Ariko Imana ntiyahinduye iciyumviro cayo.

120 Rero Balamu yaragiyeyo aravugaati:"Mwami, ubu rero nurabe, vy'ukuri ndaronse amahirwe yo kuba umuntukanaka. Urazi ko nari umuntu ataco ari, ariko ndose amahirwe yo kuba umuntukanaka. Ubivuzeko iki ubu naho, Mwami?" Rero, ntiyari kwigera avuga ivyo!Yarazi neza ata nkeka ico Imana yavuze co gukora!

Niko umwe wese muri mwebweyabatijwe mw'Izina rya "Data, Mwana, Mpwemu Yera," akora kur'ibibindi bintu vyo muri Bibiliya vyategerezwa kuba kur'uyu mur'isi, murazi icogukora kuvyerekeye ivyo, n'ukuvyemera! Mu gihe mubonye Imana ibishingiye intahemu buryo bwuzuye iti: "Ni Ukuri," n'Imana iba iriko irasigura Ijamboryayo bwite. None muzobikora? Oya, idini ryanyu ntirizobemerera kubikora!

121 Benshi mu bakozi b'Imana bahariya muri Tucson bariko barumviriza muri kino gitondo. Mwene Data Gilmore,nta na kimwe mfise ndakwagiriza; mwene Data Brock, Ikoraniro rya Mbere, hamwen'ishengero rigenzi. Mwebwe bantu, nari ngaho ico gihe cose, ntimwari nokunyemerera ngo ninjire. Nda...Ata nkeka, ntimwari kubishobora, ntimwobishoborahanyuma ngo mugume muri ico muri. Ntimushoboye kwakira impishuro, kubera murimw'idini. Kandi nimwumvirize, nka kurya kwa Uziya yapfuye kubera yari musiy'iryo humekerwa ribi, niko Abakristo benshi b'ukuri batakaza ico bacishijwemwobari hariya mur'ayo madini ya kera yapfuye, kubera bariko bashira ikiganza cabokw'Isandugu mu gihe batatoranirijwe gukora ivyo. Ubu rero murashobora kuvyizeracanke ntimuvyizere, birabaraba. Imana ni yo Mucamanza wanyu. Imana ntiyigeraisubiza inyuma Ijambo ryayo. Ico ivuze ubwa mbere, irakivuga ibihe vyose.

Yabwiye Balamu iti:"Ntugende!"

Hanyuma Balamu aragarukaavuga ati: "Ariko Mwami, noshobora kugenda?"

Ubu rero nimurabe! Imanairavuga iti: "Bandanya!" Rero, yamuhaye uruhusha rwo kugenda. Harihoubugombe bw'ubwemererano bw'Imana, atari ubugombe bwo ku nkomoko bw'Imana.Murabona ingorane yinjiyemwo?

122 Kandi buri muntu wese yubakaikintu na kimwe, idini na rimwe, canke ikintu na kimwe hanze y'Ijambo ry'Imana,n'umusenyi unyika kandi kizosenyerana! Kizopfa neza na neza nk'ikindi kintucose, kubera Ijambo ry'Imana ari wa Mubiri wa Kristo utera ukura. Ntushoborakuwugira wose ibirenge, wose amaboko, wose amatako. Ivyo bintu bizira mu gihecavyo.

Namwe Abapentekoti, vyosemwabigize ikintu kimwe, aho rero nta mpishuro nshasha mushobora kwemera. Nicogituma muguma aho muri hanyuma mugapfa. Rirabandanya. (Ni vyinshi cane;sinshaka kubaruhisha.) Ariko Imana ntihindura iciyumviro cayo, ingingo yayo yambere ni iy'ukuri atavyo kwihenda. Rero Imana ntihindura iciyumviro cayo, irabarekagusa mukabandanya mu bugombe bw'ubwemererano bwanyu. "Imana ni Mananziza," nk'uko Oral Roberts yavuze. N'Imana kandi iteye ubwoba!

123 Raba, neza na neza nka kumwemuvuga muti: "Imana ishimwe, ngomba kuvuga mu ndimi!" Izobarekamubikore, ariko ico si ikimenyetso ko waronse Mpwemu Yera.

Mwibuke ivyo Toma yavuze, wamukekeranyi wa kera? "Kiretse ndose ikimenyamenya kanaka, ntegerezwagukoza intoke zanje mu misumari yiwe, ibiganza vyiwe, no mu rubavu rwiwe,si—si—si—simpfa ndavyizeye." Ubu rero, ngw'ivyo rero, vya bindi nyene.

Yesu aravuga ati:"Ngw'ibi hano, Toma, koza ibiganza vyawe ngaha namba ari ivyo washakakumenya." Murabona? Murabona? Rero, namba mugomba inzira ya Toma,nimwibandanirize. None yavuze iki? "Es'ukuntu ari nini cane imperayabizera batabanje kubona."

124 Raba neza, nimurabe neza, mugukora ivyo, yatumye haba urupfu rw'umuntu ashimitse mu mutima, yashizeikiganza ciwe kw'isandugu mu gihe atari kubikora. Umuntu ahambaye, ashimitse mumutima, yiyumviye kw'isigwa n'ibintu vyose ko vyari ivy'ukuri, ariko isanduguyariko itwagwa mu buryo bwayo butari bwo. "Impfizi z'inka," Bibiliyaivuga ko "zatsitaye," si Abalewi. Impfizi z'inka zaratsitayeumukogote na wo wariko uracurangurika; hanyuma umuntu w'umunyakuri mu mutima,n'umutima wiwe wuzuye urukundo, ashira ikiganza ciwe kw'isandugu kugiraayisubize mu kibanza, aca agwa bukumbi apfuye kubera ata muntu yari ashoboyegukora kur'iyo sandugu atari Umulewi. Murabona ukuntu Imana izigama Ijamboryayo, izigama umugende wayo, yitondera urutonde rwayo? Uziya yahwikiwen'imibembe. Ng'uyu Dawidi, na we nyene ateje urupfu rw'umuntu, icago gihambaye;basizwe na Mpwemu, abo babiri bose, ariko hanze y'umugende wayo. Nivyo?Yarapfuye. Oo, vyarateye Dawidi ubwoba bwo gupfa, yita izina ry'ico kibanzank'uko mwene Data Jack yabisomye. Murabona? Yaramudomyeko.

125 N'incuro zingahe amadiniyakoze ivyo nyene ku bizera b'imvugakuri mu mutima? Ishengero Katolika,Metodiste, Batiste, ishengero rya Kristo, mbere n'Abapentekoti, bateje impfunyinshi za mpwemu bakoresheje ico kintu nyene. Igihe ryaza, hamwe n'ivyo bintu,basanze...kandi ntibashobora kurenga aho, kubera ari vyo idini ryabo ryizera.

Nimurabe uno munsi, ingendoz'ivugabutumwa zihambaye, ni vya bindi nyene. Nta kintu na kimwe bakora atariukubagira "incuro zibiri umwana w'ikuzimu, babi cane kurusha uko bari barimu kibanza ca mbere." Babagira vy'ukuri abagoye kuza ku Kuri. Bagakorabimwe mur'ibi bikorane bihambaye vy'umuvyuro, kandi bose bakabizamwo,bakinyiganza gatoya, hanyuma bagasubira inyuma bagatangura bwa buzima vya vyahanyene. Bumvise ikindi gikorane c'umuvyuro, baravuga bati: "Aa, ndabifebimwe mur'ivyo bintu nagerageje. Nta kintu kirimwo." Murabona? Ntibaziumugende. Ntibabibona.

126 Numvise wamukwiragizabutumwa ahambaye wacu BillyGraham, yicaye aho afatira imfungurwa zo mu gatondo, mu gatondo ameze nk'uku,aravuga ati: "Nda..." Aho yashize hejuru Bibiliya, muri Louisville,Kentucky, aravuga ati: "Hariho akarorero k'Imana." Kandi n'ivy'ukuriuwo mugabo yavuze ukuri. Aravuga ati: "Muragenda...Paulo yinjira mugisagara akaronka uwuhindukirira Imana umwe, agarutse inyuma y'umwaka akaronkamirongitatu bavuye kur'uwo yahindukiriye Imana." Aravuga ati: "Arikondaja mu gisagara nkaronka ibihumbi mirongitatu vy'abahindukiriye Imana nkagarukamu mezi atandatu sinshobore kuronka mirongitatu." Aravuga ati:"Murazi ingorane aho ziva?" Aravuga ati: "Mwebwe abavugabutumwab'abanebwe," aravuga ati: "Muriyicarira n'ukuguru ku ntebehanyuma—hanyuma mugaterefona abo bantu kuri terefone aho kubagendera muhejejeimfungurwa zo kumugoroba mukabaganiriza."

Oo, umutima wanje warikouraka. Ndiyumvira nti: "O muntu ahambaye w'Imana, kutemeranya nawe turingaha ndavyanka, ariko ni bande bari abavugabutumwa b'abanebwe ku wuhindukiriyeImana umwe wa Paulo? Ico yakora yamwinjiza mw'Ijambo, yamwinjiza mu Butumwa,yamushikana aho aronka Imana; umutima wiwe waka umuriro, agaca adomeka igihugu!Kandi ikintu kimwe gusa mukora n'ukubashira mw'ishengero rya Batiste cankeMetodiste, canke ikindi kanaka, nta gitangaje kubona ata kintu na kimwe kirimwogiturira." Egome. Ego, mushinganta !

127 Rero nimurabe ivyo Ijamboryasezeranye kubw'uno munsi. Raka dusuzume turabe kwari Metodiste, Batiste,Pentekoti, canke ikindi, uno munsi. Ubu rero murashobora kuja gusoma Ivyanditswevyanyu. Mufate ivyo Vyanditswe nagiye ndababwira. Hamwe n'Ivyahishuriwe...

Iyaba nari mfise umwanya,nari kubidoma, ariko vy'ukuri ntawo mfise. Nsigaranye nk'iminota cumi n'ibiricanke cumi n'ine. Ntegerezwa guheza ku mwanya, isaha zitanu, nivyagenda neza.

128 Nimwihweze Malaki 4,Ivyahishuwe 10, Amashashara Indwi. Mbega Bibiliya ntivuga...Ubu reronimwihweze! Hariho Umumarayika, Intwarabutumwa ivuye mw'Ijuru, hamwen'intwarabutumwa yo kw'isi. Kandi buri ntwarabutumwa yari iy'igihe c'ishengero.Yavuze ati: "Mu minsi..." tuvuge ubu rero: "haza Umumarayika,Intwarabutumwa" (ijambo umumarayika, ijambo ry'Icongereza risigura"intwarabutumwa"). "...amanutse avuye mw'Ijuru, ashira ikirengeciwe kw'isi no ku kiyaga, arahira iyibaho ibihe bidashira kw'ata gihegisigaye." Mbega ivyo nivyo? Umunywamazi uri ku bitugu vyiwe, hamwe n'ivyobintu vyose vyabaye. Uwo Mumarayika yari Kristo! Ata nkeka! None yavuze iki?"Ariko mw'ijwi ry'umumarayika w'indwi, ishengero ry'igihe c'indwi."

129 Hama iminsi yose ari mu mperay'igihe c'ishengero aho ibintu babigira...ivy'Imana babigira urudavagi kugezaaho Imana irungika intwarabutumwa, kandi ubwo buba aribwo butumwa kur'ico gihec'ishengero. Aho rero barafata ubutumwa bwiwe, kubera abaho gusa akanya gatoya,hanyuma Imana...rero bafata ubutumwa bwiwe aho bobandanije babutwara bwose,baca bakora i—idini. Rero baraza bagakora irindi dini; iyindi ntwarabutumwa,bagatora uwundi.

Mwese mwarabonye mu gitabocanje, bizosigurwa vyose mu Bihe Ndwi vy'Ishengero, ivyo yambwiye; ivyompagarariye nk'icabona ku Mana kuzocirwa urubanza ku munsi w'Urubanza kubwavyo.Vyavuye ku Mana, si muvyiyumviro vyanje. Raba neza, ngaha.Niyumvira—nokwiyumviye ugutandukanye n'uko, iyaba nogize iciyumviro canjebwite. Nka kumwe mwene Data Jack yambwira kuvyerekeye wa Mumarayika hariya,ukuntu "Urya Kristo yari umubiri wambitswe ubwiza." Ariko ntiwari wo,vyariko vyerekana ko Ubutumwa ari ubw'ukuri, Ubumana Kaminuza, yari Imana.Murabona? Neza na neza vya bindi nyene nariko ndigisha mw'Ijambo. Ijambo ryamaiminsi yose rishingira intahe Ijambo.

130 Ubu rero, tunyarutse rero, mugihe turiko turitegurira kurangiza mu mwanya mutoya.

Rero, yavuze ati: "Muminsi y'Ubutumwa bw'umumarayika w'indwi, umumarayika wo kw'isi, igihec'ishengero ry'indwi, aho rero aya mabanga yose yari yarazimiye hariya inyumamur'ibi bihe bindi bitandatu vy'ishengero yohishuwe ico gihe." Emwe, nineza na neza ivyo abo Bamarayika bavuze. Ngw'aya Amashashara Ndwi, cankeukugururwa kw'ayo mabanga. Kandi muragerageza kubidhira imbere yayo madini.Binyuranye n'ivyo...Mwene Data, baca bugara nk'igifyera, ariko ivyo nivyo bamyebagira. Ariko iki nico gihe!

Ni bangahe bazi ko iki ariigihe c'ishengero ry'indwi ? Nimuvuge: "Amen." [Ikoraniro riravugariti: "Amen."—Umw.] Igihe ca Lawodikiya, cakazuyazi ico Imana idahwamu kanwa kayo. Kandi badahwa Imana mu kanwa kabo; nta kindi gihe kiriho muriBibiliya aho Yesu tumusanga hanze ariko aragerageza kudodora, kugira asubireimbere. Bamushize hanze, nta gukorana, Yesu ninde? Ijambo! Ijambo ryariryashizwe hanze.

Ibishishwa vyataye hanze urugano! Yavuze ati: "Mpagaze kurugi ndaramukije, umuntu uwo ari we wese ari mur'izo ngoyi azokumva Ijwiryanje." O Mana, gira imbabazi!

131 Har'ico gihe, uwo muntuyapfa, aho Dawidi na rya sigwa yabona ivyo yakoze bitari vyo. O Dawidi, wemwungere, ntushobora kubona zinemera n'amadini yawe bipfuye ivyo wihambirirako?Ntushobora kubona ico biriko birakora? Biriko birica Uziya kanaka. Mwarapfuyemu buryo bwa mpwemu, hanyuma mukibaza igituma ata muvyuro uriho, mwemereraabagore banyu kumwa imishatsi yabo, kwisiga amarangi mu maso, kwambaraamabutura, mukarungika abahungu banyu hariya mu mashure y'utuyabu, n'ahandink'aho, aho igice muri bo bagaruka muhira ari abahuza ibitsina babisangiye, n'ibindi.

132 Raba neza intumbero yaDawidi: yariko ajana isandugu muhira iwiwe. Kirya nticari igisagara gikuru,kirya nticari co kibanza, yari iy'i Yerusalemu. Ariko Dawidi yariko ayijanamuhira iwiwe, yashaka k'umuvyuro uba kw'idini ryiwe bwite. "Oo, namba muriabo muri Assembly, ni vyiza cane. Namba muri Abanyabumwe, ni vyiza cane. Nambamuri Abapentekoti, ni vyiza."

Nka kumwe umuntu umwe yavuga,yavuze ati: "Mwene Data Branham, bigenda gute ngo wigere uronka umuntun'umwe akwumviriza?" Aravuga ati: "Ndashobora kubona Billy Graham,idini ryose riri mu gihugu riri kumwe na we. Ndashobora kubona Oral Roberts,Pentekoti yose iri kumwe na we. Ariko," aravuga ati: "ubigwanyavyose." Egome. Aravuga ati: "Bigenda gute vy'ukuri kugira uronkeumuntu n'umwe?"

Ndavuga nti: "NiImana!"

"Jewe Uhoraho naragiteyeimbere yuko amatanguriro y'isi ashirwaho. Nzokivomera ijoro n'umurango kugirango bamwe muri bo ntibakinshikure mu kiganza canje," Yesaya."Nzokivomera, naragiteye. Nashize amazina yabo mu Gitabu imbere yuko amatanguriroy'isi ashirwaho, biciye mu gutegurirwa ishikiro. Nzokivomera, bandanya uteraintambuko gusa. Nzokizanira amazi, we gusa nuyasanzaze." Neza. Murabona?"Nzokivomera ijoro n'umurango kugira ntihagire n'umwe muri bo ashikurwa mukiganza canje." Ngw'ivyo rero.

133 Yashaka kwiza mu gisagara caDawidi, aho yogiye i Yerusalemu. Ntihariho ikibanza giteguwe kubwayo ico gihe,kandi n'uno munsi niko bimeze. Aya mabanga ahambaye yahishuwe n'AmashasharaNdwi, nta kibanza kiriho mw'idini na rimwe... ryotegerezwa guheba kuba idinikugira ryakire ibi. Ico gihe cose uhereye kuri Luteri ukageza ku Bapentekotib'Abanyabumwe, nta kibanza kiriho gishobora kuvyakira. Kandi nta n'uko umunyuyoshobora kuvyakira ngw'agume mw'idini ryiwe. Azotegerezwa gukurikira uruganocanke kujana n'igishishwa, kimwe mur'ivyo ashaka.

134 Kristo ni We Sandugu yacu,Ijambo. Bashaka amadini yabo. Ntashobora, nimurabe neza, ntashobora kujanwa kumikogote mishasha y'ikidini, Ubutumwa bwiwe ntibushobora kugendera ku mukogotew'idini rishasha mu gihe bwategerezwa kujanwa no kuzira ku mutimaw'umuvugishwa. Ntibushobora. Yarabisezeranye, vyobaye ukwo, kandi nibwo buryobitegerezwa kuba.

Rero idini ntirizokwigeraribwakira, nk'uko nabo nyene badashobora kubwakira. Barahumye cane kuri bwoneza na neza nka kumwe Abayuda bari bameze igihe babamba Yesu ku musaraba,igihe Yesu yavuga ati: "Data, bababarire, ntibazi n'ico barikobarakora." Ntimubakengere, ariko nimwiyumvire gusa: iyaba mwari mumereweukwo nyene mufise amaso ahumye cane ku buryo mudashobora gukanguka ngo murabeibiriko biraba?

135 Nabo nyene ntibari bashoboyekubona ko iyo yari ya Mana yabo nyene. Igihe yari amanitswe hariya ku musaraba,nabo bariko bararirimba Zaburi ya 22 mu ngoro, ku mayadi amajana abiri:"Mana yanje, Mana yanje, n'iki kikumpebesheje? Batobekeranike ibirengevyanje n'ibiganza vyanje." Murabona? "Amagufa yanje yose, aradohotse.N'iki kikumpebesheje?" Kandi ngaho nyene, ya Mana nyene baririmvye, babayeimpumyi ku buryo bayimanika ku musaraba, ntibabimenye.

None, Bibiliya ntivugakw'ishengero rya Lawodikiya, ryiyumvira ko rihambaye cane kubw'abanywanyi baryob'ikidini, ryobaye "irigenda gusa, iritindi, irikene, impumyi,ritabizi?" Mbega impumyi bisigura iki? Impumyi bisigura co kimwekw'ishengero rya Lawodikiya nk'uko vyasigura mu mpera y'ishengero ry'Abayuda,impumyi kuri wa Kristo nyene bari bashize hanze, ariko aradodora, ageragezakwinjira; "bagenda amenya, abatindi, abakene, aboro, impumyi,batabizi." O Mana, gira imbabazi !

136 Kuber'iki urugano rudashoborakwiyanikira mu Kubaho kwa wa Mwana hariya hirya, hanyuma rukabona igihe turikoturabamwo? Ego, Kristo ni we Sandugu yacu, ariko uburyo bwiwe bwo ku nkomokobwo kubikora. Rero aha ni...Bari bafise Mpwemu wiwe ni vyiza, ivyo turabizi.Baritega Umwami, bakabona umugambi wiwe kw'Ijambo ryiwe ryo ku nkomoko mu gihecaryo rishingirwa intahe, ivyo nivyo twategerezwa kuba turiko turakora ubunyene. Kandi i—ihishura ukwizera kwabo biciye kw'Ijambo ryayo, bakayibonayemeza buri mugambi yasezeranye, atari imigambi y'umuntu y'idini, atariukurondera abanywanyi kubw'isandugu yacu bwite.

Bafise isanduguy'Ikimetodiste, isandugu y'Ikibatiste, isandugu y'Ikipresbiteriano, bosebazokwinjira

mur'iyo sandugu kubwa kwa guhamwa guhambaye kuriko kuraza;"Imana ishimwe ! Nabatijwe mw'isandugu y'Ikimetodiste, Ikipresbiteriano,isandugu y'Ikipentekoti." Hariho Isandugu imwe gusa, ni Yesu Kristo, na Weni Jambo!

137 Raba neza, Imana yabwiyeumuvugishwa iti: "Rya umuzingo," mw'Isezerano rya Kera. Umuvugishwawo mw'Isezerano Rishasha, imubwira iti: "Rya ako gatabo gatoya."Kuber'iki? Uwo muvugishwa n'Ijambo bobaye umwe! Murabona? Iyo niyo Sandugu,Ijambo ry'Imana.

Imana yasezeranye, Ijamboryayo, uko ryoshikijwe n'uko hoheze igihe yohitamwo Umugeni wayo, uko vyokozwe.Biriko birashika neza na neza imbere yanyu, mw'Izina ry'Umwami, kandi ivyonavyo bica kw'Ijambo ryo ku nkomoko! Ubutumwa bw'igihe c'akagoroba buri hano.

Ni bangahe bibuka Haywoodigihe yandika:

Ku kagoroba hazobahoUmuco,

Muzomenya inzira ija muBwiza;

138 Ego, isezerano ryo kukagoroba ry'Amashashara Ndwi, yo mu Vyahishuriwe 10, Malaki 4, Luka 30 na 10.Soma Gusubira mu Vyagezwe 4, 4:1 na 4, hanyuma umurongo wa 25 n'uwa 26, murabeivyo yavuze ku bijanye n'iki gihe ca nyuma. Uwo yari Mose ariko abwiraIsirayeli "kwitondera Ijambo ryose, ntimwongereko n'ikintu na kimwe!" Mose, uwo muvugishwa yari yarabaye hariya hejuru arabona iryo Jambory'Imana. Kandi yararyandikiwe kandi rirashingirwa intahe n'ikiganza c'Imanacaryanditse. Yavuze ati: "Mwitondere, ntimwongereko ikintu na kimwe kuriryo canke ngo mukureko ikintu na kimwe kuri ryo." Ivyo murashoborakubisoma ku murongo wa 25 n'uwa 26 wa Gusubira mu Vyagezwe 4.

Raba neza! Ntimwongereko kuriryo, ntimukureko kuri ryo; kuko hamwe mwobikora, Imana izoca ikura umugabanewanyu mu Gitabu c'Ubugingo. Kandi vyerekana ko mutari urubuto rwayo.

139 Mwibuke! Ibintu vyose Imanayadusezeraniye, ibintu vyose Imana yatubwiye, ibintu vyose mwabwiwe mw'Izinary'Umwami, vyarashitse! Imana ntiyigeze ihindura ubusa isezerano na rimwe,ariko yarazigamye buri sezerano yavuze, yatubwiye, ryabaye iry'Ukuri. Kuberaiyi myaka mirongibiri, Shreveport, nababwiye ubutumwa mu bubasha bw'Imana,n'ubugwaneza bw'umwungere wanyu, ndabafata nk'icabona uno munsi. Mbere n'abagorebari bararenganye imyaka yo kuvyara; abagabo, abana, ubumuga, ugukiza abagwaye,ubuvugishwa, ibintu vyoshitse, nta na kimwe muri vyo cigeze gihusha! Rero,nimugume kure y'ayo madini, ariko abarongorera mu rupfu.

140 Samweli yarahagaze umunsiumwe, baravuga bati: "Dushaka umwami, dushaka kuba nk'abandi bose bokw'isi."

Bara... Samweli aravuga ati:"Ntimwakire uwo mwami. Azotwara abahungu banyu, n'abakobwa banyu, kandiazokora ibi na biriya."

Aravuga ati: "Egome,ndazi uri mu kuri."

Ariko Samweli aravuga ati:"Nimunyumvirize. Noba narigeze ntwara na rimwe mu mahera yanyu? Nobanarigeze ndabasaba kumbeshaho? Noba narigeze ndababwira ko mutegerezwa kumpaumushahara munini kugira ndabakoreshereze igikorane?" Ubu reronimwiyumvire mwebwe ubwanyu, ubu nyene! Murabona! Aravuga ati: "Nobanarigeze kubabwira ikintu na kimwe mw'Izina ry'Umwami kitashitse?" Ntakintu na kimwe.

"Oo, ego, Samweli,ntiwigeze udusaba amahera, ntiwigeze ugomba ibintu bihambaye. Samweli ivyon'ivy'ukuri, kandi ibintu vyose watubwiye mw'Izina ry'Umwami vyarashitse. ArikoSamweli, dushaka idini ryacu uko biri kwose!"

"Rero genda mumutore.Birabaraba." Nivyo.

141 Murashobora kwibaza ko murikomukorera igikorwa Imana, ariko iyo muvuye mu nzira y'Imana y'ukugikora, muzoca mubandanyakuguma muconona. O Shengero ry'Imana nzima! Ndabasavye mumbabarire uburyobwanje bw'Ikinyarilande n'imvugo yanje itwenza, ariko nkoresheje ugushimika mumutima n'ukwubaha Imana kwo mu mutima wanje, mwebwe Amakoraniro y'Imana, mwebweAbanyabumwe, Abapresbiteriano, Abametodiste, ico mwoba muri cose, hungishaubugingo bwanyu. Mwibuke, sohoka muveyo.

Mu mahanga birase,Isirayeli yavyutse,

(Gutegura ayo masigarira.)

Ibimenyetso abavugishwababahanuye;

Iminsi y'amadini yaraharuwe,yuzuye

ubwoba.

“Garuka, O basanzaye,iwanyu.”

Umunsi w'Ugucungurwa urihafi,

Imitima y'abantu yahagazekubera

ubwoba;

Niwuzure Mpwemu, teguraamatara,

Rangamiza hejuru!Ugucungurwa

kwanyu kuri hafi.

Murizera ivyo? Turi mu gihec'iherezo, turi ngaho. Inyandiko ziri ku mpome, Ukuza kwa Kabiri kuregereje,Umugeni ariko aracagurwa, avomerwa, asohorwa hanze.

142 Rero, ivyo ntibisiguragusohorwa mw'ishengero, bisigura gusohorwa mu vyamadini. Mutegerezwa kujakw'ishengero, ariko ntiwiyunge n'idini na rimwe ryitunganije. Yesu yajanan'amadini yose, ariko ntiyigeze yiyunga na rimwe muri yo. Nta n'uko yigezeashigikira na rimwe muri yo, oya vy'ukuri, ariko yari hagati muri yo. Hariyaniho Umuco ukwiye gusanzazwa. Hanyuma mukaguma aho muri, musanzaza Umuco.Murabona? Ni kubw'ico Imana iriko irabakoresha. Ihanga rishonje mu mutima, rekabamenye ko Yesu Kristo ar'uw'ukuri, neza na neza nk'uko yari ari ejo, niko ariuno munsi; kandi niko azokwama ari ibihe vyose.

143 Birashoboka, umugabo cankeumugore bafise ukuba abanyakuri mu mutima kwose, bagerageza uko bashoboye kwosegukorera igikorwa Imana, bakagitumbereza mu nzira itari yo. Bafise isigwary'ukuri rya Mpwemu Yera kuri bo, ariko bakagitumbereza ahanyuranye n'umugambiw'Imana kubw'igihe, bakonona ibintu vyose. Rero, namba mwizera kwari Ukuri,vuga: “Amen.” [Ikoraniro riravuga riti : “Amen.”—Umw.]Twarabisomye. Bonona ibintu vyose mukutaza mu nzira Imana yatanze yo gukoraivyo.

Reka dusenge.

144 O Shengero, haba ngaha cankehirya no hino mu gihugu muri kino gitondo, nimwumvirize umushumba wanyu aciyebugufi muri kano gatondo. Muramwumvira? Raba aho mwari muri mu myaka mikeyaiheze igihe ibi vyatangura ubwa mbere; ubu naho raba ingene ivy'ukwiganavyavyirondereyemwo inyungu, kandi amamiliyoni menshi, n'amabiliyoni vyaringiyemu madini. Murabona? Baguma bari kure y'Ijambo ry'Imana. Inyubakwa n'amadinintabwo ariyo nzira Imana icishamwo Mpwemu wayo. Imucisha mw'Ijambo ryayo,kugira irigire rizima. Kandi namba mwaratoranirijwe iryo Jambo uhereyemw'itanguriro, Ijambo ryose rizoza ryigereka hejuru y'Ijambo. Nka kuryakw'agahimba ndema mubiri k'umuntu katazogira agakimba ndemamubiri kamwek'umuntu, hanyuma agakurikira ngo kabe akimbwa, agakurikira kakaba ak'akayabu;buzoba ar'ubuhimba ndemamubiri bw'umuntu. Ariko ategerezwa kuba afise agahimbandemamubiri ubwa mbere hoho. Mbega nivyo? Vuga: “Amen.” [Ikoraniroriravuga riti : “Amen.” —Umw.] Emwe, namba ari agahimba ndemamubiriJambo gatangura, ubundi buhimba ndemamubiri bwaratoranijwe kugira buwugireumubiri wuzuye.

Ntimube abana, mube murukundo gusa, ariko mube abagabo muri Mpwemu no mu gusuzuma. Musuzume konababwiye Ukuri canke kutari kwo. Musuzume kw'ari Ijambo ry'Imana canke atariryo. Nisuzume namba ar'iki gihe turiko turavuga canke atari co. Nimusuzumenamba ibi bintu vyarasezeranywe. None, vyoba vyashingiwe intahe? Biciye kubintu ivyo ata kiremwa muntu kw'isi coshobora kubikora. Ariko vyahindutseibisanzwe cane kuri twebwe gushika naho turiko turabireka bikaduca ku ruhande.Rindira, shengero, rindira.

145 Namba hariho uwuri ngaha murikino gitondo atazi Yesu Kristo, adahagaze atsindanishirijwe muri kano gatondo,ivyaha vyawe vyose vyaragiye nk'uko utoba warigeze gucumura, kandi ukaba ushakakumera ukwo...kubera mwibuke, umunsi umwe, birashoboka kwari uno munsi,birashoboka kwari mu minota itanu ikurikira, ariko umunsi umwe uwo umutimauzohagarara. Kandi ico kiri imbere y'imbere kizoguruka gihagarare Nyongaz'Imana kugira gicirwe urubanza hisunzwe ivyo ukora kubw'ubu Butumwa mur'ikigitondo, hisunzwe ubu Butumwa mubona. Si...Si jewe, jewe ndi igikoresho kivugagusa. Nk'uku kw'iyi mikoro, ntishoboye kuvuga ikintu na kimwe kiretsendayivugiyemwo. Kandi nanje sinari gushobora kuvuga ikintu na kimwe Imanaitariko iramvugiramwo, ariko murabona ko Imana yabishingiye intahe kwari Ukuri.Mushaka kuva Umukristo w'ukuri.

Ubu nta kibanza dufise coguhamagara abaza ku gicaniro. Ariko aho nyene ku meza aho mwicaye. Ikibanzakiruzuye cane, kiranengesereye. Sinshobora kubahamagarira ku gicaniro, ntagicaniro kiriho ngaha co kubahamagarirako. Ariko igicaniro kiri mu mutima wawe.Mbega ntiworeka ako kantu gatoya kakwemeza ko “Yesu Kristo ariuw'ukuri” kakaduga kurushiriza uno munsi hanyuma kagahamagara uwundiMubiri wose kuri wewe, kakamushira mu bwato bw'umutima wawe? Namba atari yo,woshobora

kuduza ukuboko, nk'ikimenyetso kuri We, uvuze uti: "Mwami,nyuzuza, nyuzuza Ijambo ryawe n'Ukubaho kwawe, kugira nshobore kubeshwaho naWe."?

146 Mu gihe imitwe yoseyunamitswe, amaso yose yugaye, hirya no hino mu gihugu, ngaha mu barikobarumviriza baboneka, nimuduze ikiganza, na hariya hanze naho nyene; hanyumandaza kubasengera. Nico conyene nshoboye gukora, sinshobora kumwuzuza. Imanaibahezagire. Sinshoboye kubuzuza. Imana ibahezagire ; na mwebwe. Imanairashobora kubuzura. Imana ibahezagire. Imana ibahezagire. Ibiganza vyadugijwengaha mu bariko barumviriza baboneka, ahantu hose. "Uzuza. Nyuzuza, OMwami. Nyuzuza." Ubu rero, inyuma yuko...Urakoze mushikacu. Urakoze mweneData. Imana ibahezagire. Inyuma yuko...Imana iguhezagire mushika w'umukundwa.Mwebwe. Inyuma...Ndiyumvira ko ubu nashitse aho mfata abo benshi mu bariimvugakuri, bariko barageragеza kubiba, ngomba kuduza ibiganza vyanje kumwenamwe.

O Mwami, ntiwigere undeka ngonshike kuguhagarara. Mwami reka sinigere mpagarara ku kintu na kimwe, rekambandanye, Mwami, gushika mperaheje ibintu vyose wantoranirije gukora.Ntitayeho ikiciro, ntitayeho ikiguzi, ntitayeho amajambo yo kuntyoza, ukwo umusarabaugoye, nzokwibuka wa musaraba watwaye.

Uyu musaraba uhezagiwe

nzowutwara,

Gushika aho urupfuruzombohora,

Hanyuma nje Muhirakwambara

igitsibo.

Hariho igitsibo kubwanje.

Mbega Yesu ategerezwakujana

umusaraba wenyene,

Hanyuma isi yose yigireyidegemvya?

Oya hariho umusarabakubw'umwe

mu bana biwe,

Hariho umusaraba kubwanje.

147 Mana nziza, Ijamboryasohotse. Ntirishobora kugaruka ataco rikoze, rizoronka ikibanza caryo ahantukanaka. Namba urubuto rwaramaze guterwa, rizoruvomera gushika rukuze. Kandi ntanumwe ashobora kurushikura mu kiganza cawe, "Abo Data yampaye bose bazozakuri Jewe, nta numwe ashobora kubanshikura mu kiganza canje. Data yabampayeamatanguriro y'isi atarashirwaho"; igihe imigambi yose izoba yashizweho,yuko, Yesu yatanzwe kw'Ishengero ryiwe, Umugeni wiwe.

Ubugeni bw'igitutu bwokw'isi, kur'aya madini. Waraje upfira mw'isi, uramucunguye,waramutsindanishirije, ntiyigeze abikora ubwa mbere. Yarategewe muro yo, ariimpumyi. Kandi nk'uko rwa ruririmbo ruvuga:

Nahora narazimiyenon'ubu

narazimurutse,

Nahora muri Lawodikiya,nd'impumyi

ariko ubu ndabona.

Kandi n'ubuntu bwigishijeumutima

wanje kwubaha,

N'ubuntu bwakuyehoubwoba bwanje;

Es'ukuntu ubwo buntubwaserutse ari

ubw'agaciro kanini,

Igihe nizera!

Kandi amazi y'Imana yashwayemu mushaha wanje. Nari numye.

148 Mana, kur'iki gicaniro gitoyac'umutima wose uri ngaha no hirya no hino mu gihugu, reka amazi avuye musiy'igicaniro c'Imana ashware muri kino gitondo kw'Ishengero ryawe; arivomere,Mwami, kuko igihe gisa nicarangiye. Rihe Ubuzima, Amazi y'Ubugingo, kugirabishoboke ko ryiyanikira mu Kubaho kwa wa Mwana kugira ngo ryere, kubw'ikigegacawe gihambaye.

Data, ndabasengeye. Arikoumutumba utegerezwa kwuma, rero sinshobora kuwusengera; utegerezwa gupfa, rerowaramaze gupfa. Ariko nsengeye Urugano, Mwami, ruriko ruribumbira mu Mubiri waKristo. Ubiduhe, Mwami, amazi afutse y'Imana arugumize amatama yaryo atembakoamosozi y'umunezero n'ugutahura gushika aho rwa rumashine rwimbura ruzakurujana muhira. Mw'Izina rya Yesu, vyose ndabigushikirije, Mwami; ibizovamwon'ivyawe. Amen.

149 [Mushikacu atanze ubutumwa. Ikibanzakigaragara kw'ibande.—Umw.] Amen.

Rero, Mana Data, turagushimiye. Kandi, Data,turasengeye mushiki wacu mutoya, umukozi wo ngaha, kugira aronke inkomezi ziwe.Ndiko ndiyumvira ku gihe na—naca imbere yiwe, ukuntu Mpwemu yaje kuri weagatanga bwa butumwa nyene Umumarayika w'Uhoraho yatanze ku Ruzi wa munsi:“Nk'uko Yohana Umubatizi yatumwe gutegura ukuza kwa mbere kw'Umwami Yesu,nawe utumwe gutegura ukwa kabiri.”

Turiko turabibona vyiha ishusho mu gicec'urugano, Mana, turagushimiye ku bintu vyose wakoze. Imitima yacu iruzuyegusumba ukwo twoshobora kubivuga. Niyumva nuzuye cane, Mwami, mu vy'ukuri sinziukuntu novuga ikindi kintu kindi. Ariko urakoze Data, ubugira kandi, kur'ivyovyose wadukoreye. Mw'Izina rya Yesu Kristo.

Ndamukunda,...

Reka rero ubu tumuririmbire. Mwibuke, aringaha.

Kubera yabanje kunkunda.

Arihira agakiza kanje

Ku giti c'i Kaluvariyo.

150 Mbega birabatuma mwiyumva vy'ukuri muri bato?Mwese mwicukumbuye, mwiteguriye Mpwemu, murabona.

Gumya ukubokokutanyiganyiga

kw'Imana!

Gumya ukubokokutanyiganyiga

kw'Imana!

Ubakira ivyizigiro vyaweku bintu

bihoraho,

Gumya ukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Ntiwipfuze ubutunziataco bumaze

bwaha mw'isi!

Bubora budatevye,

Ubakira ivyizigirovyawe ku bintu

bihoraho, (Ntavy'amadini ngaho rer

o.)

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Gumya ukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Ubakira ivyizigiro vyawe ku bintu

bihoraho,

Gumya ukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

151 Ni bangahe barikobaragerageza gukora ivyo? Duza ibiganza vyanyu. Ramvurira ibiganza vyawe hiryay'imeza vyawe hirya y'imeza, shira ibiganza vyawe mu kiganza c'uwundi, nk'uku,twese hamwe. Murashobora kwicara ni vyiza cane, canke ico arico cose mushakagukora. Umwiriza neza. Reka turirimbe twese hamwe ubu rero. Ibi bigereranyaumunyororo udacika wacu w'urukundo rw'Imana. Dufatanye ibiganza kubera twizeraImana. Dukoranyeko kubera turi bene Data na bashikacu, kwa kunyiganga nyene kwaMpwemu, rya Jambo Rihoraho ry'Imana riba mu mitima yacu ryagaragajwe.

Urugendo rwacu nirwarangira,

Namba tuzoba twabayeabanyakuri

ku Mana,

Inzu yacu izoba arinziza kandi

ikayangana mu Bwiza,

Umushaha wacu wazamuwe

uzobona!

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Ubakira ivyizigiro vyawe ku bintu

bihoraho,

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana! (Mpwemu w'Uhoraho!)

Gumyaku Mana...

Nimushikaneivyiyumviro vyanyu kuri We, murabona. Ubu nibwo bwoko bw'ibikorane dutegerezwakuzoshiraho muri kazoza.

...kutanyiganyiga kw'Imana !

Ubakira ivyizigiro vyawe ku bintu

bihoraho,

Ijambo nico kintu conyene kibaho gihoraho.

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Ntukipfuze ivyahamw'isi ataco

bimaze...(Ukubarurangiranwa,

ubumenyi.)

Biborara bidatevye,(Nimubirabe uno

munsi, ico vyakoze.)

Rondera kwungukaubutunzi bwo

mw'Ijuru!

Bitazoshira namba!

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

Ubakira ivyizigiro vyawe ku bintu

bihoraho,

Gumyaukuboko kutanyiganyiga

kw'Imana!

152 [Mushikacu aravuze mu rundirurimi, uwundi mushikacu aca atanga insiguro.-Umw.] Es'ukuntu tugushima, Mwami.Nk'uko twicaye mur'iki gihe c'umwihariko, gihakwa gusa nk'icamaziko, kukoturiko ducishwa mu guhamba kw'abapfa, isi iriko irapfa, abapfa, ishengeroririko rirapfa.

O Mana, egeranya ningoga Inganozawe, Data. Ingo unyaruka, Mwami Yesu.

Hezagira abantu bawe, Data,zana ukuba abanyakuri n'ukugira ubwina mu mitima y'abantu bawe. Reka dushoborekurengana utwo dufuro dutoduto tw'ugusimbagurika, ahubwo dushobore gushingwa mubwina bw'ubutunzi bw'ubuki bw'Imana. Ubiduhe, Mwami. Hagarika imitima yacuishikamitswe neza mu rukundo no mu kuba abanyakuri.

Hezagira abantu bawe aho barihose, Data. Aho tugiye kuva mur'iki kibanza, reka dushobore kugenda mw'Izinary'Umwami Yesu tuvuga ibintu bisa n'ibiri mu mutima, vy'Ukuri, bigororotse,twirinde ibitari vyo, Mwami. Umuntu niyatanguta kutubesha, reka dushoborekumuhindukiriza umugongo tudatevye, duhindukirize umugongo ivy'ugutebura vyosevyanduye, bishisha n'ibintu vy'isi, tubitere umugongo gusa duce twiviraho.Udufashe, Mana nziza. Tubumbe, tureme, tumenagure, hanyuma utureme mu mashushoy'abahungu n'abakobwa b'Imana kugira dushobore gukora mu bubasha bwa MpwemuYera. Turakwiragije, n'amaboko yacu afatanye ay'umwe n'ay'uwundi, mw'Izina ryaYesu Kristo. Amen.

Reka duhaguruke. Mwene Data Nolan.

MESSAGE hub online

www.messagehub.info

Ubutumwa bwa

William Marrion Branham

"...mu minsi y'ijwi..." Ivyah 10:7